REPUBLIQUE DU BURUNDI

UNITE – TRAVAIL – PROGRES

CABINET DU PRESIDENT

Reçu le 31-05-2024

**LOI N°1/11 DU 28 MAI 2024 PORTANT MODIFICATION DE LA LOI N°1/022 DU 6 NOVEMBRE 2018 PORTANT MODIFICATION DE LA LOI N°1/18 DU 15 MAI 2014 PORTANT CREATION, MANDAT, COMPOSITION, ORGANISATION ET FONCTIONNEMENT DE LA COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION**

**LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Vu la Loi Organique n°1/21 du 16 octobre 2017 portant Missions, Mandat, Organisation et Fonctionnement du Conseil National pour l'Unité Nationale et la Réconciliation ;

Vu la Loi Organique n°1/25 du 23 décembre 2017 portant Missions, Composition, Organisation et Fonctionnement de l'Observatoire National pour la Prévention et l'Eradication du Génocide, des Crimes de Guerre et des autres Crimes contre l'Humanité ;

Vu la Loi n°1/009 du 22 juillet 1996 portant Adhésion du Gouvernement de la République du Burundi à la Convention Internationale du 9 décembre 1948 sur la Prévention et la Répression du Crime de Génocide ;

Vu la Loi n°1/005 du 16 juin 2000 portant Adhésion de la République du Burundi à la Convention Internationale du 26 novembre 1968 sur l'Imprescriptibilité des Crimes de Guerre et des Crimes contre l'Humanité ;

REPUBURIKA Y'UBURUNDI

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

**IBWIRIZWA INOMERO 1/11 RYO KU WA 28 RUSAMA 2024 RISUBIRAMWO IBWIRIZWA INOMERO 1/022 RYO KU WA 06 MUNYONYO 2018 RIHINDURA IBWIRIZWA INOMERO 1/18 RYO KU WA 15 RUSAMA 2014 RISHINGA UMUGWI W'IGIHUGU UJEJWE UGUTOHOZA UKURI N'UKUNYWANISHA ABARUNDI, UBUBASHA UFISE, ABAWUGIZE, INGENE UTUNGANIJWE N'INGENE UKORA**

**UMUKURU W'IGIHUGU,**

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi ;

Yihweje Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/21 ryo ku wa 16 Gitugutu 2017 rishinga imirimo y'Inama y'igihugu ijejwe Ubumwe bw'Abarundi n'ukubanywanisha, ububasha ifise, ingene itunganijwe n'ingene ikora ;

Yihweje Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/25 ryo ku wa 23 Kigarama 2017 rishinga imirimo y'Urwego rw'igihugu rujejwe gukinga no kurandurana n'imizi ihonyabwoko, ivyaha vyo mu ntambara hamwe n'ibindi vyaha vy'agahomerabunwa, ububasha rufise, ingene rutunganijwe n'ingene rukora ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/009 ryo ku wa 22 Mukakaro 1996 rishinga iyinjira rya Reta y'Uburundi mu Masezerano mpuzamakungu yo ku wa 9 Kigarama 1948 yerekeye ugukinga n'uguhasha icaha c'ihonyabwoko ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/005 ryo ku wa 16 Ruheshi 2000 rishinga iyinjira rya Reta y'Uburundi mu Masezerano mpuzamakungu yo ku wa 26 Munyonyo 1968 ashinga ko ivyaha vyo mu ntambara n'ivyaha vy'agahomerabunwa bitigera bita igihe ;

Vu la Loi n°1/004 du 08 mai 2003 portant Répression du Crime de Génocide, des Crimes de Guerre et des Crimes contre l'Humanité ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/004 ryo ku wa 08 Rusama 2003 rihasha ivyaha vy'ihonyabwoko, ivyaha vyo mu ntambara hamwe n'ivyaha vy'agahomerabunwa ;

Vu la Loi n°1/13 du 09 août 2011 portant Révision du Code Foncier du Burundi, tel que modifié à ce jour ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/13 ryo ku wa 09 Myandagaro 2011 risubiramwo Igitabu c'amategeko agenga amatongo mu Burundi, nk'uko ryagiye rirahindurwa gushika ubu ;

Vu la Loi n° 1/31 du 03 novembre 2014 portant Statut des Langues au Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/31 ryo ku wa 03 Munyonyo 2014 rishinga indimi zikoreshwa mu Burundi ;

Vu la Loi n°1/04 du 27 juin 2016 portant Protection des Victimes, des Témoins et d'autres Personnes en Situation de Risque ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/04 ryo ku wa 27 Ruheshi 2016 rikingira abakorewe ivyaha, amasura n'abandi bantu bashobora kubangamirwa ;

Vu la Loi n°1/08 du 13 mars 2018 portant Révision de la Loi n°1/26 du 15 septembre 2014 portant Création, Organisation, Composition, Fonctionnement et Compétence de la Cour Spéciale des Terres et autres Biens ainsi que la procédure suivie devant elle ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/08 ryo ku wa 13 Ntwarante 2018 risubiramwo Ibwirizwa inomero 1/26 ryo ku wa 15 Nyakanga 2014 rishinga Sentare idasanzwe ica imanza zerekeye amatongo n'ayandi matungo, ingene itunganijwe, abayigize, ingene ikora n'ububasha ifise hamwe n'ingene ivyerekeye imanza bigenda muri iyo Sentare ;

Vu le Décret-loi n°1/48 du 29 février 1972 portant Résiliation des Contrats de bail Emphytéotique Passé entre l'Administration et les Particuliers avant l'Indépendance ;

Yihweje Itegeko-bwirizwa inomero 1/48 ryo ku wa 29 Ruhuhuma 1972 rifuta amasezerano yerekeye intizo y'itongo mu gihe kirekire yagizwe hagati y'ubutegetsi n'abantu imbere yuko Uburundi bwikukira ;

Vu le Décret-loi n°100/314 du 26 novembre 1974 portant Mainlevée de Saisie de certains Immeubles des Personnes Condamnées le 06 mai 1972 ;

Yihweje Itegeko-bwirizwa inomero 100/314 ryo ku wa 26 Munyonyo 1974 rirekura amatungo atimuka amwamwe yari yafashwe y'abantu baciriwe urubanza ku wa 06 Rusama 1972 ;

Vu le Décret-loi n°1/191 du 30 décembre 1976 portant Retour au Domaine de l'Etat des Terres irrégulièrement attribuées ;

Yihweje Itegeko-bwirizwa inomero 1/191 ryo ku wa 30 Kigarama 1976 risubiza Reta amatongo yatanzwe hadakurikijwe amategeko ;

Vu le Décret-loi n°1/19 du 30 juin 1977 portant Abolition de l'Institution d'Ubugererwa ;

Yihweje Itegeko-bwirizwa inomero 1/19 ryo ku wa 30 Ruheshi 1977 rikuraho Ubugererwa ;

Vu le Décret-loi n° 1/20 du 30 juin 1977 étendant le Principe de la Prescription acquisitive aux Immeubles régis par le Droit Coutumier ;

Yihweje Itegeko-bwirizwa inomero 1/20 ryo ku wa 30 Ruheshi 1977 rigenga ingingo ngenderwako y'uko nyene kwubaka inzu imwegukira ku matungo atimuka agengwa n'imigenzo ;

Vu le Décret-loi n°1/21 du 30 juin 1977 relatif à la Réintégration dans leurs Droits des Personnes ayant quitté le Burundi suite aux Evénements de 1972-1973 ;

Yihweje Itegeko-bwirizwa inomero 1/21 ryo ku wa 30 Ruheshi 1977 rijanye n'ugusubiza agateka abantu bahunze Uburundi bitumwe n'amagume yabaye hagati ya 1972 na 1973 ;

Revu la loi n°1/022 du 06 novembre 2018 portant modification de la loi n°1/18 du 15 mai 2014 portant création, mandat, composition, organisation et fonctionnement de la Commission vérité et réconciliation ;

Asubiye kwihweza Ibwirizwa inomero 1/022 ryo ku wa 06 Munyonyo 2018 rihindura Ibwirizwa inomero 1/18 ryo ku wa 15 Rusama 2014 rishinga Umugwi w'igihugu ujejwe ugutohoza ukuri n'ukunywanisha Abarundi, ububasha ufise, abawugize, ingene utunganijwe n'ingene ukora ;

Le Conseil des Ministres ayant délibéré ;

Inama Nshikiranganji imaze kubica irya n'ino ;

L'Assemblée Nationale et le Sénat ayant adopté ;

Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka zimaze kuvyemeza ;

**PROMULGUE :**

**ATANGAJE :**

## CHAPITRE I : DE L'OBJET, DES DEFINITIONS ET DES CONCEPTS

## IGICE CA I : IVYEREKEYE INTUMBERO Y'IRI BWIRIZWA N'INSIGURO Y'AMAJAMBO

### Section 1 : De l'objet

### Agace ka 1 : Intumbero y'iri bwirizwa

**Article 1 :**
La présente loi a pour objet la réorganisation de la Commission Vérité et Réconciliation, CVR en sigle.

**Ingingo ya 1 :**
Iri bwirizwa rifise intumbero y'ukuringaniza gushasha Umugwi ujejwe gutohoza ukuri n'ukunywanisha Abarundi, CVR mu mpfunyapfunyo y'Igifaransa.

Elle élargit également les missions et les compétences de la CVR.

Iri bwirizwa rirongereza kandi imirimo hamwe n'ububasha bw'Umugwi CVR.

### Section 2 : Des définitions et des concepts

### Agace ka 2 : Insiguro y'amajambo

**Article 2 :**
Au sens de la présente loi, on entend par :

1. **audience thématique**, une audience publique présidée par la CVR pendant laquelle un thème ou un sujet précis est développé pour découvrir la vérité ;

**Ingingo ya 2 :**
Muri iri bwirizwa, amajambo akurikira asigura :

1. **ukuganiriza abenegihugu hisunzwe ijambo ry'urufatiro** ni igikorwa c'ukuganiriza icese abenegihugu kirongorwa n'Umugwi CVR muri co ijambo ry'urufatiro ritomowe rikaba ari ryo rishimikirwako kugira ukuri kumenyekane ;

2. **autres biens**, une expression qui désigne, entre autres, les biens meubles et immeubles, le matériel roulant, les comptes bancaires, les assurances sociales, les équipements divers, le cheptel, les salaires, les indemnités, les parts sociales ou les actions dans les entreprises et dans les sociétés, les fonds de commerce, les produits et les effets commerciaux, les parts ou les actions dans les associations à but lucratif et les droits d'héritage ;

3. **commissaire,** un membre de la Commission ;

4. **Commission,** la Commission Vérité et Réconciliation, CVR en sigle ;

5. **crime contre l'humanité,** l'un quelconque des actes énoncés par le Code pénal, lorsqu'il est commis dans le cadre d'une attaque généralisée ou systématique lancée contre toute population civile et en connaissance de cette attaque **;**

6. **.crime de génocide**, l'un quelconque des actes énoncés par le Code pénal, commis comme tel dans l'intention de détruire, en tout ou en partie, un groupe national, ethnique, racial ou religieux ;

7. **crime de guerre**, l'un quelconque des crimes énoncés par le Code pénal, qui s'inscrivent dans le cadre d'un plan ou d'une politique ou lorsqu'ils font partie d'une série de crimes analogues commis sur une grande échelle ;

8. **dépositions**, des déclarations données aux agents de la CVR chargés de recueillir les témoignages ;

2. **ayandi matungo** ni ijambo ritomora ibindi nk'amatungo yimuka n'ayatimuka, ivyunguruza mw'ibarabara, ikonte zo mw'ibanki, amafaranga yategekanirije kazoza, ibikoresho bitandukanye, ubusho bw'ibitungwa, imishahara, udushirukabute, imigabane y'imitahe canke imitahe mu mahinguriro no mu mashirahamwe, ibigize urudandazwa, ivyahinguwe n'inzandiko zemeza imyenda, imigabane y'imitahe canke imitahe mu mashirahamwe aharanira inyungu z'amafaranga hamwe n'inzandiko zemeza uburenganzira bw'ugutorana ;

3. **umukomiseri** ni uwuri mu bagize Umugwi ;

4. **Umugwi** ni Umugwi w'ugutohoza ukuri n'ukunywanisha Abarundi, CVR mu mpfunyapfunyo y'Igifaransa ;

5. **ivyaha vy'agahomerabunwa** ni ivyaha bivugwa mu Gitabu c'amategeko mpanavyaha mu gihe bikozwe mu gitero gikuzako canke kidasobanura vyagizwe ku benegihugu batari abarwanyi cari gisanzwe kizwi **;**

6. **icaha c'ihonyabwoko**, kimwe mu vyaha bitegekanijwe n'Igitabu c'amategeko mpanavyaha, ni icaha gikorwa mu ntumbero yo gutikiza umugwi canke igice c'umugwi w'abenegihugu, abasangiye igihugu, ubwoko, urukoba canke idini **;**

7. **ivyaha vyo mu ntambara** ni ivyaha bivugwa mu Gitabu c'amategeko mpanavyaha bikorwa biteguwe canke bikurikiza intumbero ya poritike canke biri mu rukurikirane rw'ivyaha bikomeye bifise isano bikorerwa abantu benshi ;

8. **ibishikirizwa** ni ibimenyeshwa abakozi b'Umugwi CVR bajejwe kwakira abafise ico bavuga ku vyabaye ;

9. **disparitions forcées**, les cas où des personnes sont arrêtées, détenues, enlevées ou soumises à toute autre forme de privation de liberté par un Etat, une organisation, des agents de l'Etat ou d'une organisation ou par des personnes ou des groupes de personnes qui agissent avec l'autorisation, l'appui ou l'acquiescement de l'Etat ou de l'organisation, qui refusent ensuite d'admettre que ces personnes sont privées de liberté ou de révéler le sort qui leur est réservé, ou l'endroit où elles se trouvent, les soustrayant à la protection de la loi ;

10. **enquêtes et investigations**, des recherches méthodologiques de la vérité par l'audition des témoins et l'accumulation de l'information ;

11. **exécution extrajudiciaire**, une exécution d'une personne délibérément en dehors de toute forme de procès prévue par la loi ;

12. **faux témoignage**, une altération consciente de la vérité commise par une personne déposant sous serment devant la CVR ;

13. **justice transitionnelle**, des mécanismes mis en œuvre par l'Etat en vue de réparer les exactions massives commises dans le passé, de jeter les bases d'une réconciliation et de reconstruire une société capable de prévenir la répétition des violences passées ;

14. **lieu de mémoire**, des repères culturels, des sites, des pratiques ou des expressions issues d'un passé commun pouvant rappeler une violence vécue ou un fait historique heureux ou malheureux ;

9. **ukunyuruza abantu** bivugwa mu gihe abantu bahagarikwa, bapfungwa canke banyuruzwa, canke batswe umwidegemvyo mu bundi buryo bwose bigizwe na Reta canke ishirahamwe, canke abakozi ba Reta canke b'ishirahamwe, canke n'abantu canke imigwi y'abantu, bakabikora babiherewe uruhusha, babifashijwemwo canke bavyemerewe n'iyo Reta canke iryo shirahamwe, hanyuma ababanyuruje ntibemere ko abo bantu batswe umwidegemvyo canke bakareka kumenyesha ico bazobakoresha canke aho bari badakingiwe n'amategeko ;

10. **amatohoza asanzwe n'amatohoza asesanguye** ni ukurondera ukuri hakoreshejwe ubuhinga biciye mu kwumviriza amasura n'ugushira hamwe inkuru ;

11. **ubwicanyi ndengerabutungane** ni ukwica umuntu biciye kubiri n'uburyo ubwo ari bwo bwose bw'ukumucira urubanza butegekanijwe n'amategeko ;

12. **ugusura ibinyoma** ni uguhindura ukuri n'impaka bigirwa n'umuntu ashikiriza Umugwi CVR inkuru abanje kurahira ;

13. **ubutungane bunywanisha** ni uburyo Reta ishiraho mu ntumbero yo gutorera umuti ivyaha vy'ikivunga vyakozwe muri kahise, gushira intumbero y'ukunywanisha no gusubira kwubaka igihugu kigizwe n'abenegihugu bashobora gukinga ko amabi yakozwe muri kahise asubira kugaruka ;

14. **ikibanza c'icibutso** ni ibibanza bifatirwako mu bijanye n'imico kama, ibibanza ndangakahise, imigirwa hamwe n'imvugo bituruka kuri kahise kamwe. Ivyo bibanza birashobora kwibutsa amakuba abenegihugu bahuye canke icashitse muri kahise caba ic'umunezero canke ic'umubabaro;

15. **parodie de procès**, un procès dont le verdict est déterminé à l'avance et où les droits de la défense sont partiellement ou totalement bafoués ;

16. **personnes assassinées**, les personnes dont les familles et les témoins confirment leur mort effective en raison d'un conflit armé international ou non international, ou de toute autre situation de violence ;

17. **personnes disparues**, les personnes dont les familles sont sans nouvelles ou qui, selon des informations fiables, ont été rapportées comme disparues en raison d'un conflit armé international ou non international, ou de toute autre situation de violence ;

18. **Président**, le Président de la CVR ;

19. **réparation**, une réhabilitation, un dédommagement, une restitution, une indemnisation ou une compensation d'une victime d'une communauté par rapport à un préjudice subi ;

20. **sinistré,** une personne physique ou morale notamment l'association ou la société de droit privé, la personne rapatriée, déplacée, regroupée ou dispersée, veuve ou veuf ou ses descendants ainsi que toute autre personne qui aurait été spoliée de ses biens du fait des évènements tragiques qu'a connus le Burundi depuis 1885 à 2008 mais qui n'a pas pu formuler ses réclamations ou qui n'a pas pu obtenir une suite adéquate à sa demande suite au contexte socio-politique ;

21. **victimes**, les personnes qui ont souffert directement ou indirectement des violences ou leurs ayants droit.

15. **urubanza rw'irementanya** ni urubanza, ingingo ifatwa iba yatomowe imbere yuko ifatwa kandi uburenganzira bw'ukwiregura bukaba bwahonyanzwe kuri bimwebimwe canke vyose ;

16. **abantu bagandaguwe** ni abantu imiryango yabo hamwe n'amasura bemeza ko bapfuye koko kubera intambara, yaba iyo ku rwego mpuzamakungu canke ku rundi rwego atari urwo, canke ibindi bihe vyose vy'intureka **;**

17. **abantu ata wuzi irengero ryabo** ni abantu umuryango ata nkuru ziberekeye ufise canke, hisunzwe inkuru z'ukwizigira, havuzwe ko batazwi irengero ryabo kubera intambara, yaba iyo ku rwego mpuzamakungu canke ku rundi rwego atari urwo, canke ibindi bihe vyose vy'intureka ;

18. **Umukuru w'Umugwi** ni Uwurongoye Umugwi CVR ;

19. **ugushumbusha** ni ugusubiza umuntu mu vyiwe, ukuriha ivyononekaye, ugusubiza ivyanyazwe, ugutanga indishi canke uguha uwagize agahombo ibihuye n'ivyononekaye ;

20. **uwasinzikajwe n'ivyago** ni umuntu canke ishirahamwe canecane ishirahamwe ry'abigenga, uwahungutse, uwateshejwe urwiwe, uwegeranirijwe hamwe n'abandi canke uwashwiragijwe, uwapfakaye canke abamukomokako hamwe n'uwundi muntu uwo ari we wese yoba yarasahuwe amatungo yiwe biturutse ku makuba yashikiye Uburundi kuva mu 1885 gushika mu 2008 ariko akaba atashoboye gusaba kuyasubizwa canke akaba atashoboye kuronswa inyishu ibereye ku vyo yasavye biturutse ku bihe igihugu carimwo mu vyerekeye imibano na poritike ;

21. **abakorewe amabi** ni abantu basinzikajwe n'amabi bakorewe bo nyene ubwabo canke biciye mu bundi buryo canke agakorerwa abafise uburenganzira ku matungo yabo.

## CHAPITRE II : DE L'OBJET ET DU SIEGE DE LA COMMISSION

**Article 3 :**
La CVR a pour objet le traitement du passé lié aux violations massives des droits de l'homme et la réhabilitation des victimes au sens de la justice transitionnelle.

La CVR a également pour objet de connaître des litiges relatifs aux terres et autres biens opposant les sinistrés entre eux, les sinistrés à des tiers ou les sinistrés aux services publics ou privés.

**Article 4 :**
Le mandat, la composition, l'organisation et le fonctionnement de la CVR ainsi que la procédure suivie devant elle sont déterminés par la présente loi.

**Article 5 :**
La CVR n'a pas de pouvoir judiciaire. Toute la procédure devant elle est gratuite.

**Article 6 :**
Dans l'accomplissement de ses missions, la CVR jouit d'une personnalité juridique et d'une autonomie financière et de gestion.

**Article 7 :**
La CVR a son siège à Bujumbura. Toutefois, il peut être transféré en tout autre endroit du territoire national par décret.
La CVR tient ses assises à son siège.

Toutefois, la CVR peut tenir ses assises en tout autre endroit de son choix sur le territoire national.

## IGICE CA II : IVYEREKEYE INTUMBERO N'ICICARO C'UMUGWI

**Ingingo ya 3 :**
Umugwi CVR ufise intumbero y'ukwihweza ivyabaye muri kahise bijanye n'ihonyangwa ry'agateka ka zinamuntu mu kivunga hamwe n'ugusubiza mu vyabo abakorewe amabi mu ntumbero y'ukurondera ubutungane bunywanisha.

Umugwi CVR ufise kandi intumbero yo kwakira amatati ajanye n'amatongo hamwe n'ayandi matungo ari hagati y'abasinzikajwe n'ivyago ubwabo, hagati y'abasinzikajwe n'ivyago n'abandi bantu canke hagati y'abasinzikajwe n'ivyago n'ibisata vya Reta canke ivy'abikorera utwabo.

**Ingingo ya 4 :**
Ikiringo Umugwi CVR umara, abawugize, ingene utunganijwe, ingene ukora hamwe n'ingene ibijanye n'ugutatura amatati bigenda muri uwo Mugwi bitomowe n'iri bwirizwa.

**Ingingo ya 5 :**
Umugwi CVR ntufise ububasha nk'ubwa sentare. Ukwumvirizwa n'Umugwi ntibirihishwa amafaranga.

**Ingingo ya 6 :**
Mu kurangura umurimo ujejwe, Umugwi CVR urihagararira imbere y'amategeko kandi urigenga mu vyerekeye ikigega ukongera ukitunganiriza uburyo ukoresha.

**Ingingo ya 7 :**
Icicaro c'Umugwi CVR kiri i Bujumbura. Ico cicaro kirashobora kwimurirwa mu kindi kibanza cose kiri ku gataka k'Uburundi biciye mw'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu.
Umugwi CVR ugirira inama ahari icicaro cawo.

Ariko, Umugwi CVR urashobora kugirira inama mu kindi kibanza ico ari co cose wihitiyemwo co ku gataka k'igihugu.

## CHAPITRE III : DU MANDAT, DES PRINCIPES, DES MISSIONS, DES COMPETENCES ET DES PREROGATIVES DE LA CVR

## IGICE CA III : IVYEREKEYE IKIRINGO, INGINGO NGENDERWAKO, IMIRIMO, UBUBASHA N'UBURENGANZIRA VY'UMUGWI CVR

### Section 1 : Du mandat

### Agace ka 1: Ikiringo c'Umugwi CVR

**Article 8 :**
Le mandat de la CVR est de quatre ans. Il peut être prorogé ou renouvelé par le Parlement réuni en congrès.

**Ingingo ya 8 :**
Ikiringo Umugwi CVR umara mu mabanga ni ic'imyaka ine. Ico kiringo kirashobora kwongerezwa canke gusubirizwa hisunzwe ingingo yafashwe n'Inama nshingamateka na nkenguzamateka zikoranye.

La décision de prorogation ou de renouvellement intervient au plus tard quinze jours avant l'expiration du mandat.

Ingingo yo kwongereza canke kwisubiriza ifatwa n'imiburiburi mu misi cumi n'itanu imbere y'uko ikiringo kirangira.

### Section 2 : Des principes

### Agace ka 2 : Ingingo ngenderwako

**Article 9 :**
Dans l'accomplissement de son mandat, la CVR est guidée par le souci d'établissement de la vérité, de la réconciliation nationale et du rétablissement de la dignité des victimes.

**Ingingo ya 9 :**
Mu kurangura amabanga ujejwe, Umugwi CVR ushira imbere ukwerekana aho ukuri kuri, ukunywanisha Abarundi n'ugusubiza agateka abakorewe amabi.

### Section 3 : Des missions

### Agace ka 3 : Imirimo y'Umugwi CVR

**Article 10 :**
Les missions de la CVR sont les suivantes :

1° enquêter et établir la vérité sur les violations graves des droits de l'homme et du droit international humanitaire commises durant la période allant du 26 février 1885 au 4 décembre 2008, date de la fin de belligérance.

Les enquêtes visent notamment à :

a) élucider les violations des droits politiques, civils, économiques, sociaux et culturels majeurs ;

b) établir les responsabilités individuelles et celles des institutions étatiques, des personnes morales et des groupes privés ;

**Ingingo ya 10 :**
Imirimo y'Umugwi CVR ni iyi ikurikira :

1° gutohoza no kwerekana aho ukuri kuri ku mabi akomeye y'uguhonyanga agateka ka zinamuntu n'amategeko mpuzamakungu yubahiriza ikiremwa muntu yakozwe mu kiringo kiva kw'igenekerezo rya 26 Ruhuhuma 1885 gushika kw'igenekerezo rya 4 Kigarama 2008, igenekerezo intambara yarangiriyeko.

Amatohoza afise intumbero nk'izi zikurikira :

a) gutomora neza amabi yakozwe yerekeye uguhonyanga uburenganzira nyamukuru bw'abantu mu vyerekeye poritike, mu vyabo, mu butunzi, mu mibano no mu mico ;

b) kwerekana uruhara rw'umwumwe wese mu vyakozwe hamwe n'uruhara rw'inzego za Reta, urw'amashirahamwe n'urw'imigwi y'abantu ;

c) déterminer le rôle du colonisateur dans les violences cycliques qui ont endeuillé le Burundi ;

d) déterminer la nature, les causes et l'étendue des violations précitées, y compris les antécédents, les circonstances, les facteurs, le contexte, les motifs et les perspectives qui ont conduit à ces violations ;

e) identifier et cartographier les fosses communes et tout autre endroit d'enterrement non reconnu par la loi, prendre les décisions nécessaires à leur protection, procéder à l'exhumation éventuelle des corps aux fins d'une conservation ou d'un enterrement digne cas par cas sur demande de la famille intéressée après manifestation de la vérité ;

f) publier la liste des victimes et des témoins qui renoncent à l'anonymat, la liste des personnes, tant burundaises qu'étrangères, qui se sont distinguées dans la protection des vies humaines pendant les différentes crises ;

g) publier la liste des victimes qui ont accordé le pardon et celle des auteurs, ayant bénéficié du pardon ;

h) prendre des décisions de réhabilitation consistant en la restitution ou en réparation individuelle ou collective tant matérielle, morale, financière que symbolique dans la mesure du possible ;

i) initier, encourager et poursuivre les actions visant à promouvoir le pardon et la réconciliation ;

2° proposer :

a) une période de deuil national ;

c) kwerekana uruhara rw'umukoroni mu mabi yagumye yisubiriza yasinzikaje Uburundi ;

d) kwerekana kamere k'ububisha bwavuzwe, inkomoko n'urugero bwashitseko, harimwo n'ivyabaye muri kahise bifitaniye isano n'ubwo bubisha, uko ibintu vyari vyifashe ico gihe, ivyabitumye, uko ibihe vyari bimeze, imvo zatumye hakorwa ubwo bubisha n'ivyo ababukoze bashaka gushikako ;

e) kwerekana ahari ibinogo vyatawemwo abantu benshi no kugira ikarata ivyerekana n'ikindi kibanza cose cahambwemwo abantu kitazwi n'amategeko, gufata ingingo zikenewe kugira ivyo bibanza bikingirwe, kuzura ibisigarira vy'abahambwe mu gihe bishoboka mu ntumbero y'ukubishingura canke y'ukubifubana iteka hafatiwe ku migwi y'ukuntu bagiye baragandagurwa bisabwe n'umuryango vyerekeye ukuri kumaze kumenyekana ;

f) gutangaza urutonde rw'abakorewe amabi n'urw'amasura bemeye ko amazina yabo amenyekana; urutonde rw'abantu baba Abarundi canke Abanyamahanga babaye inkingi z'ubuntu mu gukingira ubuzima bw'abantu mu makuba atandukanye Uburundi bwaciyemwo ;

g) gutangaza urutonde rw'abakorewe amabi batanze ikigongwe hamwe n'urw'abakoze ivyaha bagiriwe ikigongwe ;

h) gufata ingingo z'ugusubiza agateka abakorewe amabi zerekeye umuntu umwumwe canke benshi bafatiwe hamwe haba mu bijanye n'ukubaha inshumbusho y'ibintu, iy'ugusanasana imitima, iy'amafaranga canke iy'ikimenyetso igihe bishoboka ;

i) gushiraho, guhimiriza no gukurikirana ibikorwa bishira imbere ukugiriranira ikigongwe n'ukunywana ;

2° gusaba :

a) ko hashingwa igihe c'ikigandaro ku rwego rw'igihugu ;

b) une date de la journée nationale de commémoration des victimes des violations des droits de la personne humaine ;

c) l'érection, sur des sites identifiés, de monuments de la réconciliation et de la mémoire aux niveaux national, provincial et local ;

d) la conception et la réalisation d'autres ouvrages et œuvres symboliques pour la réhabilitation de la mémoire ;

e) les réformes des institutions pour garantir la non-répétition des événements tragiques du passé, afin de bâtir une société burundaise juste et démocratique ;

3° contribuer, notamment par une recherche documentaire, en se servant, le cas échéant, des archives du Burundi détenues par les anciennes puissances coloniales, à la réécriture de l'histoire du Burundi largement partagée ;

4° qualifier toutes les violations indiquées au point 1° du présent article ;

**5°** en matière des terres et autres biens, la CVR est particulièrement chargée de :

a) connaître de toutes les affaires lui soumises par les sinistrés ou leurs ayants droit en vue de la restitution de leurs patrimoines ;

b) étudier les possibilités et les modalités de compensation pour les sinistrés qui n'ont pas recouvré leurs terres ou autres biens, ou pour d'autres victimes dont les biens ont été détruits ;

c) sensibiliser et informer la population sur le calendrier des travaux de la CVR ;

b) ko hashingwa igenekerezo ry'umusi wahariwe kwibuka abakorewe amabi ajanye n'uguhonyanga agateka ka zinamuntu ;

c) ko hubakwa, mu bibanza vyatowe, ivyibutso bifise intumbero y'ukunywanisha n'ukwibuka abagandaguwe, bikubakwa ku rwego rw'igihugu, urw'intara no ku rwego rw'intango ;

d) ko habaho integuro n'ishirwaho ry'ibindi vyubakwa hamwe n'ibimenyetso mu ntumbero yo gusanasana imitima ;

e) ko hosubirwamwo itunganywa ry'inzego z'igihugu kugira amabi yashitse muri kahise ntaze asubire kuba, mu ntumbero y'ukwubaka igihugu kirangwamwo ubutungane na demokarasi ;

3° guterera, nko mu kugira ubushakashatsi ku vyabaye, wifashishije, igihe bikenewe, inzandiko zerekeye kahise k'Uburundi zifiswe n'ibihugu vyahoze bicura bufuni na buhoro Uburundi, mu kwandika gushasha kahise k'Uburundi gahuriweko na benshi ;

4° kwita izina amabi avugwa mu karongo ka 1° k'iyi ngingo ;

5° mu bijanye n'amatati yerekeye amatongo n'ayandi matungo, Umugwi CVR ujejwe canecane ibi bikurikira :

a) kwakira imanza zose ushikirizwa n'abasinzikajwe n'ivyago canke abafise uburenganzira ku matungo yabo mu ntumbero yo kuyabasubiza ;

b) kwihweza uburyo bushoboka n'ibikurikizwa mu guha abasinzikajwe n'ivyago batasubijwe amatongo yabo canke ayandi matungo ibihuye n'ivyo banyazwe, canke abakorewe amabi bononewe amatungo yabo ;

c) guhimiriza no kumenyesha abenegihugu ikirangamisi c'ibikorwa vy'Umugwi CVR ;

d) sensibiliser les possesseurs et les acquéreurs illégitimes à la restitution volontaire et au respect des terres et autres biens des sinistrés ou leurs ayants droit ;

e) recenser pour le compte de l'Etat, toutes les terres et autres biens irrégulièrement acquis par les tiers.

**Section 4 : Des compétences**

**Article 11 :**
Relèvent de la compétence de la CVR, les dossiers relatifs aux violations massives des droits de l'homme commises au Burundi sur la période allant du 26 février 1885 au 4 décembre 2008.

Sont également de la compétence de la CVR, les dossiers relatifs aux terres et autres biens qui étaient encore pendants devant la Commission Nationale des Terres et autres Biens, CNTB en sigle, à l'expiration de son mandat et les dossiers non encore introduits à la CNTB avant la fin de son mandat.

Les décisions prises en cette matière visent la réconciliation nationale, la réhabilitation des victimes et la cohésion sociale. Elles ne sont susceptibles d'aucun recours juridictionnel.

**Article 12 :**
En cas d'entente à l'amiable entre les parties en cause, elle doit être matérialisée par un écrit.

L'instrument d'entente doit être transmis à la CVR qui en prend acte et dresse le procès-verbal qu'elle remet aux parties intéressées.

d) guhimiriza abihagiye n'abaronse amatongo n'ayandi matungo biciye kubiri n'amategeko kugira babisubize ku gushaka kwabo kandi bubahirize amatongo n'ayandi matungo y'abasinzikajwe n'ivyago canke y'abafise uburenganzira ku matungo yabo ;

e) gutororokanya kw'izina rya Reta amatongo n'ayandi matungo yose ya Reta vyihagiwe n'abandi bantu biciye kubiri n'amategeko.

**Agace ka 4 : Ivyo Umugwi ufitiye ububasha**

**Ingingo ya 11 :**
Ivyo Umugwi CVR ufitiye ububasha ni idosiye zerekeye amabi ajanye n'uguhonyanga mu kivunga agateka ka zinamuntu yakozwe mu Burundi kuva ku kiringo co ku wa 26 Ruhuma 1885 gushika kw'igenekerezo rya 4 Kigarama 2008.

Umugwi CVR urafise kandi ububasha kw'idosiye zerekeye amatongo n'ayandi matungo zari zikiriko zirihwezwa mu Mugwi w'igihugu wari ujejwe amatongo n'ayandi matungo, CNTB mu mpfunyapfunyo y'Igifaransa, mu gihe ikiringo cawo carangira hamwe n'idosiye utari bwakire imbere yuko ikiringo wari warahawe kirangira.

Ingingo zafashwe kuri izo dosiye zifise intumbero y'ukunywanisha Abarundi, gusubiza mu vyabo abakorewe amabi no gutuma abenegihugu basenyera ku mugozi umwe. Ntizishobora kwitwarirwa muri sentare n'imwe.

**Ingingo ya 12 :**
Mu gihe impande zompi zifitaniye amatati zumvikanye, ivyumvikanyweko bica vyemezwa biciye mu rwandiko.

Urwandiko rw'ivyumvikanyweko rutegerezwa kurungikirwa Umugwi CVR na wo ugaca uvyemeza ukongera ukagira icegeranyo urungikira impande vyerekeye.

**Article 13 :**
Lorsque les affaires qui relèvent de la compétence de la commission et qui sont relatives aux assassinats, aux exécutions extrajudiciaires, aux terres et autres biens spoliés ont été jugées consécutivement aux crises cycliques qu'a connues le Burundi en contradiction de la vérité établie et qui sont déjà coulées en force de chose jugée, la CVR recommande, par la voie du Parlement réuni en congrès, l'annulation ou la révision de ces décisions judiciaires et agit dans le sens de la réhabilitation des victimes et de la réconciliation.

**Ingingo ya 13 :**
Mu gihe imanza Umugwi CVR ufiseko ububasha zerekeye ubwicanyi, ubwicanyi ndengerabutungane, amatongo n'ayandi matungo vyanyazwe zamaze gucibwa bivanye n'amakuba Uburundi bwagiye buracamwo ariko zitakurikije ukuri kw'ivyabaye kandi zikaba zaramaze kuba ntabanduka, Umugwi CVR uca usaba, ubicishije mu Nama nshingamateka na nkenguzamateka zikoranye, ko zifutwa canke ko zosubirwamwo ukabikora mu ntumbero yo gusubiza mu vyabo abakorewe amabi n'ukunywanisha.

**Article 14 :**
La CVR met en exécution les décisions prises.

**Ingingo ya 14 :**
Umugwi CVR uca ushira mu ngiro ingingo zafashwe.

**Article 15 :**
Les affaires qui relèvent de la compétence de la CVR ne sont pas recevables devant les juridictions.

Pour les affaires pendantes devant les juridictions autres que la CSTB, dont la compétence relève de la CVR, les juridictions suspendent leur instruction au profit de la CVR.

En cas d'irrecevabilité de l'affaire devant la CVR, les juridictions reprennent l'instruction.

**Ingingo ya 15 :**
Imanza ziri mu zo Umugwi CVR ufiseko ububasha ntizakirwa na sentare.

Ku manza zikiriko ziraburanishwa mu zindi sentare atari Sentare CSTB, Umugwi CVR ufiseko ububasha, izo sentare zica zihagarika kuzitohozako kugira zishikirizwe Umugwi CVR.

Mu gihe urubanza rutakiriwe mu Mugwi CVR, sentare zica zisubira kurutohozako.

**Section 5 : Des prérogatives**

**Agace ka 5 : Ivyo Umugwi ufitiye uburenganzira**

**Article 16 :**
La CVR a les prérogatives de :

1° convoquer et écouter toute personne et exploiter tout témoignage ;

2° requérir l'intervention des pouvoirs publics, du Ministère public et des forces de l'ordre si besoin pour donner effet aux décisions prises par la CVR ;

3° accéder aux archives, documents, rapports et autres informations détenus par les institutions et/ou les personnes publiques ou privées ;

**Ingingo ya 16 :**
Umugwi ufise uburenganzira bwo :

1° kurengukisha no kwumviriza umuntu uwo ari we wese no gukoresha ibishikirizwa vyose n'amasura ;

2° gusaba ubutegetsi, Ubushikirizamanza n'abajejwe umutekano gufasha Umugwi iyo bikenewe mu kwubahiriza ingingo zafashwe n'Umugwi CVR;

3° gushikira inzandiko ziri mu bubiko, izindi nzandiko, ivyegeranyo hamwe n'ayandi makuru bibitswe n'inzego na/canke ibisata vya Reta canke ivy'abikorera utwabo;

4° faire prêter serment aux témoins et aux experts qui font des déclarations dans le cadre des enquêtes et des auditions ;

5° requérir, par voie du Parlement, l'annulation des titres de propriété frauduleusement acquis.

**Article 17 :**
Nul ne peut se prévaloir de sa fonction, de ses privilèges et immunités, de l'amnistie ou de la prescription ou de tout autre motif pour refuser de collaborer avec la CVR.

Toute obstruction aux travaux de la CVR est punissable conformément à la loi.

Un agent de l'Etat qui détruit ou refuse de communiquer les documents demandés encourt les sanctions pénales et administratives prévues par la loi.

Dans l'exécution de ses missions, le secret professionnel et le secret des correspondances et des documents ne sont pas opposables à la CVR.

Tout faux témoignage ou tout faux serment est puni conformément à la loi.

**CHAPITRE IV : DE LA COMPOSITION DE LA COMMISSION ET DU STATUT DES COMMISSAIRES**

**Section 1 : De la composition**

**Article 18 :**
La CVR est une institution indépendante, neutre et crédible. Elle doit être représentative et inclusive. Sa composition doit tenir compte des équilibres constitutionnels.

4° kurahiza amasura n'abahinga bafise ivyo bashikiriza mu matohoza agirwa no mu gihe c'ukwumviriza abafise ico bashikiriza ku vyabaye ;

5° gusaba, biciye mu Nama nshingamateka no mu Nama nkenguzamateka, ko inzandiko ndangatongo zatanzwe hadakurikijwe amategeko zifutwa.

**Ingingo ya 17 :**
Nta n'umwe ashobora kwitwaza amabanga ashinzwe, ukudakurikiranwa na sentare iyo ari yo yose n'ukudahangarwa n'ubutungane, ukuba yararonse ikigongwe c'ikivunga canke uguta igihe kw'ivyaha yoba yarakoze canke iyindi mvo iyo ari yo yose kugira yanke gukorana n'Umugwi CVR.

Uwo wese abereye intambamyi ibikorwa vy'Umugwi CVR ahanwa hisunzwe amategeko.

Umukozi wa Reta yononye canke yanse gutanga inzandiko yasabwe n'Umugwi CVR ahanishwa ibihano mpanavyaha n'ibitangwa n'abamutwara mu kazi bitegekanijwe n'amategeko.

Mu kurangura imirimo ushinzwe, nta wushobora kwitwaza amabanga y'akazi canke amabanga yerekeye amakete canke izindi nzandiko kugira yanke gutanga amakuru mu Mugwi CVR.

Uwo wese asuye ibinyoma canke atanze indahiro itari yo ahanwa hisunzwe amategeko.

**IGICE CA IV: IVYEREKEYE ABAKOMISERI BAGIZE UMUGWI N'INGENE BAFATWA IMBERE Y'AMATEGEKO**

**Agace ka 1 : Abagize Umugwi**

**Ingingo ya 18 :**
Umugwi CVR ni urwego rwigenga, rukora ata ho rwegamiye kandi rwizewe. Umugwi utegerezwa kuba ugizwe n'abaserukira imice yose y'abenegihugu kandi ata wukumiriwe. Mu gushiraho abawugize hategerezwa kwisungwa ibitigiri bitegekanijwe mw'Ibwirizwa Shingiro.

**Article 19 :**
La CVR comprend treize (13) membres de nationalité burundaise qui portent le titre de commissaire.

La CVR dispose en son sein autant de cadres et agents d'appui que de besoin.

**Article 20 :**
La CVR est composée de personnalités reconnues pour leur probité, leur intégrité, leurs compétences techniques et leur capacité à transcender les clivages de toute nature.

**Article 21 :**
Tout membre de la CVR doit :

1° être de nationalité burundaise ;

2° être âgé d'au moins trente-cinq ans révolus ;

3° jouir de ses droits civils et politiques ;

4° être impartial dans l'accomplissement de ses fonctions par rapport aux positions des partis politiques ;

5° ne pas avoir commis de violations graves de droits de l'homme et du droit international humanitaire ;

6° être de bonne moralité et apte à promouvoir la vérité et la réconciliation nationale.

**Article 22 :**
Les candidats membres de la CVR sont sélectionnés sur base des candidatures libres par une commission paritaire désignée par le Bureau de l'Assemblée Nationale et le Bureau du Sénat. La commission paritaire établit une liste définitive de trente-neuf candidats.

**Ingingo ya 19 :**
Umugwi ugizwe n'abantu cumi na batatu (13) bafise ubwenegihugu bw'Uburundi bakaba bitwa Abakomiseri.

Umugwi CVR ugira abakozi bakuru n'abakozi batoyi igitigiri cabo kikavana n'ababa bakenewe.

**Ingingo ya 20 :**
Umugwi CVR ugizwe n'abantu bazwi ko bagendera ukuri, ari intungane, babishoboye kandi barengera ico cose coza gitandukanya Abarundi.

**Ingingo ya 21 :**
Uwuri mu bagize Umugwi CVR wese ategerezwa kuba :

1° afise ubwenegihugu bw' Uburundi ;

2° amaze gukwiza n'imiburiburi imyaka mirongo itatu n'itanu y'amavuka ;

3° afise uburenganzira mu bijanye n'ubwenegihugu na poritike ;

4° adahengamira ku vyiyumviro vy'imigambwe mu kurangura amabanga ajejwe ;

5° atigeze akora amabi akomeye y'uguhonyanga agateka ka zinamuntu n'amategeko mpuzamakungu yubahiriza kiremwa muntu ;

6° yigenza runtu kandi ashobora guharanira ukuri n'ukunywanisha Abarundi.

**Ingingo ya 22 :**
Abipfuza kuja mu Mugwi CVR batorwa hafatiwe kw'idosiye bashikiriza ku gushaka kwabo, bagatorwa n'umugwi ugizwe n'abagenwa n'Ibiro vy'Inama nshingamateka n'Ibiro vy'Inama nkenguzamateka ku bitigiri bingana. Uwo mugwi uragira urutonde ntabanduka rw'abitoza mirongo itatu n'icenda.

**Article 23 :**
La commission paritaire transmet la liste définitive des candidats à l'Assemblée Nationale qui désigne, à la majorité simple, les treize (13) membres de la CVR et son bureau.

**Ingingo ya 23 :**
Umugwi wagenywe ku bitigiri bingana urashikiriza Inama nshingamateka urutonde ntabanduka rw'abitoza, na yo igaca itoramwo abagize Umugwi cumi na batatu (13) bemejwe na benshi hamwe n'abagize Ibiro vy'Umugwi CVR.

**Article 24 :**
Le Président de l'Assemblée Nationale transmet la liste des membres de la CVR élus et son bureau au Président de la République pour nomination.

**Ingingo ya 24 :**
Umukuru w'Inama nshingamateka ararungikira Umukuru w'Igihugu urutonde rw'abagize Umugwi CVR batowe hamwe n'abagize Ibiro vyawo kugira abagene.

**Section 2 : Du statut des commissaires**

**Agace ka 2 : Ingene abakomiseri bagize Umugwi bafatwa imbere y'amategeko**

**Article 25 :**
Le mandat des commissaires prend effet à partir de la prestation de serment.

La durée de leur mandat est de quatre ans. Le mandat peut être renouvelé ou prorogé par le Parlement réuni en congrès.

**Ingingo ya 25 :**
Ikiringo abakomiseri bamara bari mu mabanga gitangura guharurwa kuva umusi barahiriyeko.

Ikiringo cabo ni ic'imyaka ine. Ico kiringo kirashobora kwongerezwa canke gusubirizwa n'inama nshingamateka na nkenguzamateka zikoranye.

**Article 26 :**
Les commissaires exercent un emploi à temps plein au service de la CVR. La qualité de membre de la CVR est incompatible avec l'exercice de toute autre fonction à caractère public ou privé.

Les membres de la CVR en provenance des services publics sont placés en position de détachement par rapport à leur statut d'origine et leur réintégration est automatique à la fin de leur mandat.

**Ingingo ya 26 :**
Abakomiseri bakora akazi k'Umugwi CVR gusa. Ukuba mu Mugwi ntibibangikanywa n'ayandi mabanga ayo ari yo yose yaba ayo muri Reta canke ay'abikorera utwabo.

Abagize Umugwi CVR baje bava mu buzi bwa Reta baca baba barahagaritse akazi bahoramwo ivy'agateganyo, ikiringo cabo kirangiye baca bagasubizwamwo ata gisabwe.

**Article 27 :**
Les commissaires jouissent d'une immunité dans l'exercice de leurs fonctions. Ils ne peuvent être, ni arrêtés, ni détenus ni poursuivis pour des actes qui relèvent de leur mandat.

L'immunité ne peut être levée que sur décision de la CVR.

La décision de levée de l'immunité à un commissaire est prise en assemblée plénière par 2/3 des membres de la CVR.

**Ingingo ya 27 :**
Abakomiseri bafise ubudahangarwa mu gihe c'ukurangura amabanga bajejwe. Ntibashobora guhagarikwa, gupfungwa canke gukurikiranwa ku vyo bakoze bijanye n'amabanga bajejwe.

Bashobora gusa gukurwako ubudahangarwa biciye mu ngingo ifatwa n'Umugwi CVR.

Ingingo y'ugukura ubudahangarwa ku mukomiseri ifatwa vyemejwe n'ibice 2/3 vy'abagize Umugwi CVR bashashe mu nama ya bose.

Durant la période de leur mandat, les commissaires jouissent d'un statut spécialisé à leur mission.

**Article 28 :**
Avant d'entrer en fonction, les membres de la CVR prêtent le serment suivant :

« Devant Dieu le Tout Puissant, devant le Président de la République, devant le Parlement, Moi (nom et Prénom), je jure d'accomplir ma mission en toute indépendance, impartialité, dignité et sans discrimination quelconque, dans le souci de découvrir la vérité aux fins de favoriser et de promouvoir la réconciliation nationale. Je m'engage à respecter l'obligation de confidentialité prescrite par la loi régissant la Commission Vérité et Réconciliation ».

**Article 29 :**
Le mandat d'un commissaire prend fin dans les conditions ci-après :

1° défaut de conformité aux conditions d'éligibilité découvert après la nomination ;

2° perte de l'une des conditions d'éligibilité ;

3° indisponibilité ;

4° absence prolongée aux travaux de la CVR dans les conditions prévues par le règlement d'ordre intérieur ;

5° démission ;

6° incapacité physique ou mentale constatée par une commission médicale ;

7° défaillance notoire ou incompétence dans l'exercice de ses fonctions constatées par le Bureau de l'Assemblée Nationale sur rapport du Président de la CVR ;

Mu kiringo bakirangura amabanga bajejwe, abakomiseri baba bafise uko bafatwa bisangije imbere y'amategeko kubera ayo mabanga.

**Ingingo ya 28 :**
Imbere yo gutangura kurangura amabanga bajejwe, abagize Umugwi barashikiriza indahiro ikurikira :

«Imbere y'Imana Mushoboravyose, imbere y'Umukuru w'Igihugu, imbere y'Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka, Jewe (izina n'iritazirano), ndarahiye ko nzorangura amabanga njejwe mu bwigenge, ata ho mpengamiye, nisunze ubuntu kandi ata kuvangura na kumwe, nitwararitse gushira ahabona ukuri mu ntumbero yo guteza imbere ukunywanisha Abarundi. Niyemeje gutegerezwa kugumya ibanga nk'uko bitegekanijwe n'ibwirizwa rishinga Umugwi ujejwe gutohoza ukuri n'ukunywanisha Abarundi».

**Ingingo ya 29 :**
amabanga y'umukomiseri arangira ku mvo zikurikira :

1° bigaragaye, amaze kugenwa, ko atari akwije ibisabwa kugira atorwe ;

2° atakaje kimwe mu bisabwa kugira atorwe ;

3° atakibifitiye umwanya ;

4° asivye igihe kirekire mu bikorwa vy'Umugwi CVR nk'uko bitegekanijwe n'amategeko ntunganyabikorwa y'uwo Mugwi ;

5° atanze imihoho ;

6° atagishoboye kurangura akazi kubera ubumuga bw'umubiri canke ubwo mu mutwe vyemejwe n'umugwi w'abaganga ;

7° adohotse kw'ibanga mu buryo bugaragara canke adashoboye amabanga ashinzwe bikemezwa n'Ibiro vy'Inama nshingamateka biciye mu cegeranyo bihawe n'Umukuru w'Umugwi CVR ;

8° corruption évidente ;

9° décès ;

10° tout acte d'improbité qui compromet les intérêts de la Nation ;

11° tout acte tendant à paralyser les activités de la CVR.

**Article 30 :**
Un commissaire accusé d'avoir participé aux violations énoncées à l'article 10, point 1° de la présente loi ou de ne pas remplir une des conditions exigées à l'article 29 de la présente loi fait l'objet d'enquêtes d'une commission parlementaire ad hoc qui soumet le rapport au Bureau de l'Assemblée Nationale en vue de son remplacement si les allégations sont prouvées.

**Article 31 :**
En cas de vacance d'un poste de commissaire, la CVR saisit aussitôt l'autorité de nomination qui procède à son remplacement, dans un délai ne dépassant pas un mois, par un nouveau membre selon la procédure suivie dans la nomination du membre sortant.

Le nouveau membre achève le mandat de celui qu'il remplace.

**Article 32 :**
Le mandat des commissaire**s** est rémunéré.

Les émoluments, les indemnités et les autres avantages des commissaires sont déterminés par décret.

8° bigaragaye ko yariye igiturire ;

9° apfuye ;

10° akoze ico cose giteye isoni gihungabanya inyungu z'igihugu ;

11° akoze ico ari co cose gifise intumbero yo guhungabanya ibikorwa vy'Umugwi CVR.

**Ingingo 30 :**
Umukomiseri yagirijwe kuba yaragize uruhara mu kurenga ku bivugwa mu karongo ka 1° k'ingingo ya 10 y'iri bwirizwa canke kuba adakwije kimwe mu bisabwa biri mu ngingo ya 29 y'iri bwirizwa, Umugwi ugizwe n'abashingamateka hamwe n'abakenguzamateka ushiririwaho ico gikorwa uramugirako amatohoza ugaca ushikiriza icegeranyo mu biro vy'Inama nshingamateka mu ntumbero yo kumusubiriza mu gihe ivyo akekwako bigaragaye ko ari ivy'ukuri.

**Ingingo ya 31 :**
Mu gihe hari ikibanza c'umukomiseri kigaragara, Umugwi CVR uca ubimenyesha uwufise ububasha bw'ukugena abakomiseri na we agaca agena uwumusubirira mushasha mu kiringo kitarenza ukwezi, hakurikijwe ibitegekanijwe nk'uko uwo asubiriye yagenywe.

Umukomiseri mushasha aheraheza ikiringo c'uwo asubiriye.

**Ingingo ya 32 :**
Amabanga abakomiseri bajejwe barayahemberwa.

Impembo yabo, udushirukabute n'utundi turusho bahabwa bitomorwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu.

## CHAPITRE V : DE L'ORGANISATION ET DU FONCTIONNEMENT DE LA COMMISSION

### Section 1 : Des organes

**Article 33 :**
Les organes de la CVR sont :

1° l'assemblée plénière ;
2° le Bureau exécutif ;
3° les sous-commissions ;
4° les représentations provinciales.

**Article 34 :**
L'assemblée plénière comprend la totalité des commissaires.

**Article 35 :**
Le Bureau exécutif est composé du Président, du Vice-président et du Secrétaire de la CVR.

La composition du Bureau exécutif tient compte des équilibres de la société burundaise notamment ethniques, régionaux et de genre.

**Article 36 :**
Les sous-commissions sont composées par autant de commissaires que de besoin en fonction de la matière à analyser.

**Article 37 :**
La représentation provinciale des terres et autres biens comprend autant de commissaires que de besoin, désignés par le Bureau exécutif de la CVR.

### Section 2 : Du fonctionnement

**Article 38 :**
La CVR dispose des pouvoirs les plus étendus pour régler les problèmes liés aux violations massives des droits de l'homme et aux litiges liés aux terres et autres biens dans le cadre de la réhabilitation des victimes.

## IGICE CA V : IVYEREKEYE INGENE UMUGWI UTUNGANIJWE N'INGENE UKORA

### Agace ka 1 : Inzego z'Umugwi

**Ingingo ya 33 :**
Inzego z'Umugwi CVR ni izi zikurikira :

1° inama y'abagize Umugwi bose ;
2° Ibiro nshingwabikorwa vy'Umugwi ;
3° imigwi mitoyi yawo ;
4° ibisata vy'ubuserukizi bw'Umugwi mu ntara.

**Ingingo ya 34 :**
Inama y'abagize Umugwi bose igizwe n'abakomiseri bose.

**Ingingo ya 35 :**
Ibiro nshingwabikorwa bigizwe n'Umukuru w'Umugwi CVR, Icegera c'Umukuru w'Umugwi n'Umunyamabanga.

Abagize ivyo biro nshingwabikorwa bagenwa ku buryo imice y'Abarundi bose baserukirwa ku rugero rutegekanijwe hafatiwe nko ku bwoko, intara n'igitsina.

**Ingingo ya 36 :**
Imigwi mitoyi igizwe n'abakomiseri, igitigiri cabo kikavana n'ababa bakenewe bivanye n'ibiba bikenewe kwihwezwa.

**Ingingo ya 37 :**
Igisata c'ubuserukizi bw'Umugwi mu ntara kijejwe amatongo n'ayandi matungo kigizwe n'abakomiseri, igitigiri cabo kikavana n'ababa bakenewe, bakagenwa n'ibiro nshingwabikorwa vy'Umugwi CVR.

### Agace ka 2 : Ingene Umugwi ukora

**Ingingo ya 38 :**
Umugwi CVR urafise ububasha bwose kugira utorere inyishu ibibazo vyerekeye uguhonyanga mu kivunga agateka ka zinamuntu hamwe n'amatati yerekeye amatongo n'ayandi matungo mu ntumbero y'ugusubiza mu vyabo abakorewe amabi.

Les décisions de la CVR sont guidées par l'impératif de concilier les objectifs du respect des droits humains, de la loi, de l'équité, de la réconciliation et de la paix sociale.

Ingingo zifatwa n'Umugwi CVR zishimikira ku gutegerezwa guhuza intumbero z'ukwubahiriza agateka ka zinamuntu, amategeko, ukutarenganya, ukunywanisha hamwe n'ukuremesha amahoro mu kibano.

**Article 39:**

En matière des terres et autres biens, la CVR déploie des équipes sur terrain qui tiennent compte dans leur composition de la spécificité des régions et la complexité des dossiers à traiter.

**Ingingo ya 39 :**

Mu bijanye n'amatati yerekeye amatongo n'ayandi matungo Umugwi CVR urarungika imigwi ahari amatati, iyo migwi ikarungikwa hafatiwe ku kugene uturere tuba dufise ico twisangije hamwe n'uko idosiye zihwezwa ziba zigoye.

Les équipes déployées jouent un rôle consultatif. Leurs rapports sont remis au Bureau exécutif de la CVR.

Imigwi irungikwa ahari amatati iba ifise uruhara mpanuzwajambo. Ivyegeranyo vyayo birungikirwa Ibiro nshingwabikorwa vy'Umugwi CVR.

**Paragraphe 1 : L'assemblée plénière**

**Agahimba ka 1 : Inama y'abagize Umugwi bose**

**Article 40 :**

L'assemblée plénière est l'organe suprême de la CVR.

**Ingingo ya 40 :**

Inama y'abagize Umugwi bose ni urwego rukuru rw'Umugwi CVR.

**Article 41 :**

Le quorum requis pour siéger et délibérer valablement est de 2/3 des membres.

**Ingingo ya 41 :**

Igitigiri gitegerejwe kugira abagize Umugwi bakorane kandi bafate ingingo yemerwe ni ibice 2/3 vyabo.

La plénière prend ses décisions par consensus ou à défaut, à la majorité des 2/3 des participants.

Inama y'abagize Umugwi bose ifata ingingo habanje kuba umwumvikano canke atari uko, ikayifata vyemejwe n'abarenga ibice 2/3 vy'abitavye inama.

Les commissaires sont tenus au secret du délibéré.

Abakomiseri bategerezwa kugumiza mw'ibanga ivyashikiririjwe mu mwiherero.

**Article 42 :**

Dès sa mise en place, la CVR accomplit notamment les tâches suivantes :

1° adopter l'organigramme ;

2° organiser la formation des commissaires ;

3° s'approprier la loi qui la régit ;

**Ingingo ya 42 :**

Kuva Umugwi CVR ushizweho, urangura canecane ibikorwa bikurikira :

1° kwemeza igicapo c'ingene ibisata biringanijwe ;

2° gutunganya inyigisho z'ugukarihiriza ubwenge abakomiseri ;

3° kwigisha abawugize amategeko awugenga;

4° adopter le règlement d'ordre intérieur, le règlement financier, le budget de fonctionnement et le chronogramme des activités pour la durée de son mandat ;

5° recruter les experts et tout le personnel nécessaire.

**Article 43 :**
La première assemblée plénière se réunit de plein droit dans les quinze jours ouvrables à compter de la date de nomination de ses membres pour élaborer et adopter son règlement d'ordre intérieur.

La CVR détermine les décisions qui sont prises par l'assemblée plénière, par arrêté du Président et par le bureau.

**Article 44 :**
Le règlement d'ordre intérieur détermine les modalités de régularité de convocation et de tenue des sessions.

**Paragraphe 2 : Le Bureau exécutif**

**Article 45 :**
Le Bureau exécutif est chargé de la coordination des activités de la CVR.

**Article 46 :**
Le Président oriente les travaux de la CVR et s'assure qu'il prévaut un climat de confiance mutuelle entre les membres.

Il peut déléguer ses pouvoirs aux autres membres du Bureau exécutif par ordre de préséance.

**Article 47 :**
Le Président convoque des réunions ordinaires et en cas de besoin, des réunions extraordinaires.

4° kwemeza amategeko ntunganyabikorwa, amategeko ajanye n'itunganywa ry'ubutunzi, amafaranga Umugwi ukoresha mu bikorwa vya misi yose hamwe n'ikirangamwanya c'ibikorwa mu kiringo Umugwi umara ;

5° guha akazi abahinga hamwe n'abandi bakozi bose bakenewe.

**Ingingo ya 43 :**
Inama ya mbere y'abagize Umugwi bose ica ikorana mu misi icumi n'itanu y'akazi iharurwa kuva kw'igenekerezo abawugize bageneweko kugira bategure bongere bemeze amategeko ntunganyabikorwa.

Umugwi CVR uratomora ingingo zafashwe n'inama y'abagize Umugwi bose, biciye mu ngingo ifatwa n'Umukuru w'Umugwi hamwe n'abagize ibiro.

**Ingingo ya 44 :**
Amategeko ntunganyabikorwa aratomora ibikurikizwa vyerekeye ibiringo inama zija ziratumirwako n'ibiringo ziberako.

**Agahimba ka 2 : Ibiro nshingwabikorwa**

**Ingingo ya 45 :**
Ibiro nshingwabikorwa bishinzwe gukurikiranira hafi ibikorwa vy'Umugwi CVR.

**Ingingo ya 46 :**
Umukuru w'Umugwi CVR aratanga intumbero y'ibikorwa vy'Umugwi akongera akitwararika ko haba ukwizerana hagati y'abagize Umugwi.

Arashobora guha ububasha bwiwe abandi bagize ibiro nshingwabikorwa, abikora hisunzwe uko basumbasumbana mu cubahiro.

**Ingingo ya 47 :**
Umukuru w'Umugwi aratumako inama zisanzwe n'iyo bikenewe, inama zidasanzwe.

**Paragraphe 3 : Les sous-commissions**

**Article 48 :**
La CVR comprend autant de sous-commissions que de besoin. Elles sont mises en place par le **B**ureau **e**xécutif de la CVR en fonction des matières à traiter.

Les sous-commissions couvrent toutes les activités de la CVR sous la supervision du Bureau exécutif.

**Article 49 :**
Les sous-commissions sont composées d'autant de commissaires et de cadres d'appui que de besoin.

**Article 50 :**
Les rapports des sous-commissions sont transmis au Bureau exécutif de la CVR pour être adoptés en plénière.

**Paragraphe 4 : Les représentations provinciales**

**Article 51 :**
Dans le cadre de l'accomplissement de ses missions, la CVR met en place des représentations provinciales.

Sous la supervision de la CVR, les représentations provinciales sont chargées d'accomplir toutes les missions qui relèvent de la compétence de la CVR. Elles proposent des décisions à la CVR pour analyse et adoption.

Au niveau de chaque province, le nombre de cadres d'appui des représentations provinciales est déterminé en fonction du volume des conflits.

**Article 52 :**
Les cadres de la représentation provinciale sont nommés par arrêté du Président de la CVR en veillant aux équilibres constitutionnels.

Les cadres de la représentation provinciale en provenance des services publics sont placés en position de détachement.

La représentation provinciale dispose des moyens déterminés par la CVR.

**Agahimba ka 3 : Imigwi mitomito igize Umugwi CVR**

**Ingingo ya 48 :**
Umugwi CVR ugizwe n'imigwi mitomito bivanye n'iyikenewe. Ishirwaho n'Ibiro nshingwabikorwa vy'Umugwi CVR hisunzwe urugero rw'amatati yihwezwa.

Imigwi mitomito irangura ibikorwa vyose vy'Umugwi CVR igakurikiranirwa hafi n'Ibiro nshingwabikorwa vy'Umugwi.

**Ingingo ya 49 :**
Imigwi mitomito igizwe n'abakomiseri hamwe n'abakozi bakuru bivanye n'abakenewe.

**Ingingo ya 50 :**
Ivyegeranyo bitangwa n'imigwi mitomito birungikirwa Ibiro nshingwabikorwa vy'Umugwi CVR kugira vyemezwe mu nama ya bose.

**Agahimba ka 4 : Ibisata vy'ubuserukizi bw'Umugwi mu ntara**

**Ingingo ya 51 :**
Mu kurangura imirimo ushinzwe, Umugwi CVR urashiraho ubuserukizi mu ntara.

Bukurikiraniwe hafi n'Umugwi CVR, ubuserukizi bw'Umugwi mu ntara bujejwe kurangura imirimo yose Umugwi CVR ufiseko ububasha. Iyo migwi irashikiriza Umugwi CVR ingingo yafashe kugira na wo uzihweze wongere uzemeze.

Ku rwego rw'intara imwimwe yose, igitigiri c'abakozi bakuru bafasha bo mu buserukizi bw'Umugwi mu ntara gitomorwa bivanye n'ingene idosiye z'amatati zihari zingana.

**Ingingo ya 52**
Abakozi bakuru bo mu buserukizi bw'Umugwi mu ntara bagenwa n'ingingo y'Umukuru w'Umugwi CVR hubahirijwe ibitigiri bitegekanijwe n'Ibwirizwa Shingiro.

Abakozi bakuru bo mu buserukizi bw'Umugwi mu ntara bavuye mu bisata vya Reta bafatwa nk'abahagaritse akazi ivy'agateganyo kubera bashinzwe ayandi mabanga.

Ubuserukizi bw'Umugwi mu ntara bukoresha uburyo bushingwa n'Umugwi CVR.

**Article 53 :**
Un membre de la représentation provinciale peut être démis de ses fonctions par deux tiers des commissaires sur base de preuves d'incapacité, d'incompétence, de corruption ou pour avoir commis un acte qui compromet la crédibilité ou la confiance de la CVR.

En cas de flagrance, le Bureau exécutif de la CVR prend la mesure de suspension du cadre de la représentation provinciale pour avoir commis des actes évoqués à l'alinéa 1 du présent article.

**Ingingo ya 53 :**
Uwuri mu bagize ubuserukizi bw'Umugwi mu ntara arashobora gukurwa mu mabanga yari ajejwe bikozwe n'ibice bibiri vya bitatu vy'abakomiseri mu gihe bigaragaye ko afashwe n'ubumuga, adafise ubumenyi bukwiye, ariye igiturire canke kuba yakoze ico cose gituma Umugwi CVR utakaza ubwizigirwa.

Mu gihe ari icaha cakoreweho, ibiro nshingwabikorwa vy'umugwi bica bifata ingingo yo guhagarika umukozi aserukira umugwi mu ntara kuba yarenze ibitegekanijwe mu gace ka mbere k'iyi ngingo.

## Section 3 : Des services d'appui

**Article 54 :**
Le secrétaire exécutif est nommé par arrêté du Président de la CVR.

Les avantages du secrétaire exécutif sont déterminés par le règlement d'ordre intérieur de la CVR.

**Article 55 :**
La CVR se dote des services d'appui technique coordonnés par le secrétaire exécutif.

La nature et le fonctionnement des services d'appui sont déterminés par le règlement d'ordre intérieur.

**Article 56 :**
La CVR recrute autant d'experts nationaux et internationaux que de besoin. Les experts peuvent être permanents ou à temps partiel. Ils doivent être des personnes jouissant d'une expérience avérée dans le domaine de leur intervention.

La CVR recrute des consultants pluridisciplinaires qui contribuent à la connaissance de la vérité, à une bonne préparation des audiences et à la réécriture de l'histoire du Burundi.

## Agace ka 3 : Ibisata vy'abakozi bafasha

**Ingingo ya 54 :**
Umunyamabanga nshingwabikorwa agenwa biciye mu ngingo ifatwa n'Umukuru w'Umugwi CVR.

Uturusho duhabwa umunyamabanga nshingwabikorwa dutomorwa mu mategeko ntunganyabikorwa y'Umugwi CVR.

**Ingingo ya 55 :**
Umugwi CVR urashiraho ibisata biwufasha mu vyerekeye ubuhinga, bigakurikiranirwa hafi n'umunyamabanga nshingwabikorwa w'umugwi.

Ibikorwa n'ingene ibisata bifasha umugwi bikora bitomorwa n'amategeko ntunganyabikorwa.

**Ingingo ya 56 :**
Umugwi CVR urashiraho abahinga b'Abarundi na mvamakungu, igitigiri cabo kikavana n'ibikenewe. Abahinga barashobora kuba ari abakozi b'Umugwi canke abakutsakivi. Bategerezwa kuba ari abantu bazwi ko bamenyereye gukoresha ubuhinga bwabo mu bijanye n'igikorwa baherewe akazi.

Umugwi CVR urashiraho abahinga bafise ubumenyi butandukanye bafasha mu kumenya ukuri, mu gutegura neza ibikorwa vy'ukwumviriza abantu n'ukwandika bushasha kahise k'igihugu c'Uburundi.

Les consultants et les experts adhèrent à une conduite élaborée par la CVR et prêtent serment en ces termes : « Moi (nom et prénom) je jure d'accomplir ma mission avec conscience et fidélité à la loi régissant la Commission Vérité et Réconciliation dans la stricte confidentialité et la protection des informations recueillies et en ma possession pendant et après mon service ».

Abo bahinga bategerezwa kwisunga inyifato yashinzwe n'Umugwi CVR kandi bagashikiriza indahiro mu majambo akurikira : «Jewe (Izina n'iritazirano) ndarahiye ko nzorangura umurimo nshinzwe n'umutima wanje wose kandi ko nzokwubahiriza Ibwirizwa rigenga Umugwi w'ugutohoza ukuri n'ukunywanisha Abarundi nitwararitse kuzigama amabanga no gukingira inkuru zatororokanijwe naronse ndiko ndarangura akazi nshinzwe n'igihe nzoba ntakikarimwo».

Le serment est prêté devant l'assemblée plénière de la CVR.

Ugushikiriza indahiro bigirwa imbere y'inama ya bose y'abagize Umugwi CVR.

**Article 57 :**
La CVR met en place une unité de protection et d'assistance des victimes et des témoins dont le fonctionnement relève du pouvoir discrétionnaire du Bureau exécutif de la CVR.

**Ingingo ya 57 :**
Umugwi CVR urashiraho igisata kijejwe gukingira n'ugufasha abakorewe amabi hamwe n'amasura ivyo gikora bikaba bijanye n'ububasha bw'ibiro nshingwabikorwa vy'Umugwi CVR bw'ugufata ingingo zimwezimwe ata we birinze kubaza.

Elle comprend notamment des spécialistes de la sécurité, du droit, de la santé mentale, des questions liées au genre et de l'assistance psychosociale.

Ico gisata kigizwe canecane n'abahinga mu vyerekeye umutekano, amategeko, indwara zo mu mutwe, ibibazo bijanye n'iterambere ridakumira n'ugufasha mu vyerekeye inyifato n'imibano.

**Article 58 :**
Le règlement d'ordre intérieur de la CVR détermine le statut pécuniaire et administratif du personnel au service de la CVR.

**Ingingo ya 58 :**
Amategeko ntunganyabikorwa y'Umugwi CVR aratomora uko abakozi bahawe akazi n'Umugwi CVR bafatwa mu vyerekeye umushahara n'intwaro.

**Article 59 :**
Le personnel de la CVR en provenance des services publics est placé en position de détachement par rapport à leur statut d'origine et sa réintégration est automatique à l'expiration de leur mission.

**Ingingo ya 59 :**
Abakozi b'Umugwi CVR baje bava mu buzi bwa Reta baca baba barahagaritse akazi bahoramwo ivy'agateganyo, ikiringo c'amabanga bari bajejwe kirangiye bagaca bagasubizwamwo ata gisabwe.

## CHAPITRE VI : DES FINANCES DE LA COMMISSION

**Article 60 :**
Les fonds utilisés pour le fonctionnement et les activités de la CVR proviennent des subsides du Gouvernement, des partenaires nationaux et internationaux et des dons et legs.

**Article 61 :**
Les dépenses de la CVR sont constituées par les émoluments des commissaires, les rémunérations du personnel et les charges sociales y afférentes ainsi que les frais de fonctionnement et d'activités.

**Article 62 :**
La gestion des finances de la CVR est soumise au contrôle de l'Inspection Générale de l'Etat et d'un auditeur indépendant recruté sur concours.

## IGICE CA VI : IVYEREKEYE AMAFARANGA UMUGWI UKORESHA

**Ingingo ya 60 :**
Amafaranga Umugwi CVR ukoresha mu bikorwa vya misi yose n'ukurangura imirimo ushinzwe ava mu buryo butangwa na Reta, mu bafashanya na Reta bo ku rwego rw'igihugu na mpuzamakungu hamwe no mu ngabire n'ibisigi.

**Ingingo ya 61 :**
Amafaranga Umugwi CVR usohora agizwe n'impembo y'abakomiseri, imishahara y'abakozi n'ayandi mafaranga y'ugutegekaniriza kazoza abakozi hamwe n'amafaranga y'ibikorwa vya misi yose n'ukurangura imirimo ushinzwe.

**Ingingo ya 62 :**
Ingene Umugwi CVR ukoresha amafaranga bisuzumwa n'Ubugenduzi bukuru bwa Reta hamwe n'umusuzumyi w'ikonte yigenga ahabwa ako kazi biciye mw'ihiganwa.

## CHAPITRE VII : DE L'ETHIQUE ET DE LA PROCEDURE APPLICABLE DEVANT LA COMMISSION

### Section 1 : De l'éthique de la commission

**Article 63 :**
Les commissaires doivent remplir leur mission avec impartialité et objectivité, en toute bonne foi et sans être soumis à aucune influence. Ils ne peuvent ni solliciter ni accepter des faveurs, des dons ou des promesses dans l'exercice de leurs fonctions.

**Article 64 :**
Les commissaires et le personnel ne sont comptables que devant la CVR pendant l'accomplissement de leur mission.

**Article 65 :**
Lorsqu'un commissaire ou un cadre a un intérêt financier ou personnel évident qui pourrait causer un conflit d'intérêt dans l'accomplissement de ses fonctions, la CVR se réunit hors présence du concerné pour décider si ce dernier peut participer ou non aux délibérations sur le dossier en cause, s'il ne se récuse pas lui- même.

## IGICE CA VII : IVYEREKEYE AKARANGAMUTIMA K'UMUGWI N'INGENE IBIJANYE N'UGUTATURA AMATATI BIGENDA MURI WO

### Agace ka 1 : Akarangamutima k'Umugwi

**Ingingo ya 63 :**
Abakomiseri bategerezwa kurangura imirimo yabo ata ho begamiye kandi bagacisha aho ukuri kuri, ata ntumbero mbi n'imwe bafise kandi badatamikwa ijambo. Ntibashobora gusaba canke kwemera ico cose bagiririwa, ingabire canke imihango vyotuma bahengama mu gihe baba bariko bararangura imirimo bajejwe.

**Ingingo ya 64**
Abakomiseri n'abakozi b'Umugwi CVR babazwa gusa n'Umugwi ibijanye n'imirimo bajejwe mu gihe bakiriko barayirangura.

**Ingingo ya 65 :**
Mu gihe umukomiseri canke umukozi mukuru afise inyungu zerekeye amafaranga canke ziwe bwite zigaragara zishobora kuba zitabangikanwa n'umurimo ashinzwe, Umugwi CVR urakorana uwo vyerekeye atarimwo kugira ufate ingingo yuko ashobora kuja canke kutaja mu bafata ingingo kw'idosiye vyerekeye iyo atitaramuye we nyene ubwiwe.

**Article 66 :**
La CVR peut prendre des sanctions à l'encontre d'un de ses membres ou de ses cadres qui, en connaissance de cause, est intervenu dans un dossier présentant un conflit d'intérêt l'impliquant.

**Ingingo ya 66 :**
Umugwi CVR urashobora gufatira ibihano umwe mu bawugize canke mu bakozi bakuru bawo, yinjiye abizi mw'idosiye irimwo inyungu zimwerekeye.

**Article 67 :**
En cas de découverte du conflit d'intérêt après les délibérations, celles-ci sont reprises en l'absence de l'intéressé.

**Ingingo ya 67 :**
Mu gihe Umugwi usanze hari inyungu zitabangikana n'amabanga y'umukomiseri canke umukozi mukuru bikagaragara umaze gufata ingingo, izo ngingo zica zisubirwamwo uwo vyerekeye atari ho ari.

**Section 2 : De la procédure devant la CVR**

**Agace ka 2 : Intambwe zikurikizwa mu Mugwi CVR**

**Paragraphe 1 : La phase préparatoire**

**Agahimba ka 1 : Intambwe y'ugutegura**

**Article 68 :**
Au cours de la phase préparatoire, la CVR accomplit notamment les tâches suivantes :

1° la mise en place des décisions de protection et d'accompagnement des victimes et des témoins ;

2° l'élaboration d'un guide de recueils des dépositions, des enquêtes et des investigations ;

3° l'instauration des décisions pour le recueil, la protection et la gestion des archives ainsi que celles visant l'identification et la protection des fosses communes ;

4° l'inventaire des dossiers existants relatifs aux terres et autres biens ;

5° l'élaboration d'une stratégie de gestion et de communication des litiges relatifs aux terres et autres biens ;

6° la mise en place d'un mécanisme de suivi et d'exécution des décisions prises par la CVR.

**Ingingo ya 68 :**
Kuri iyi ntambwe, Umugwi CVR ukora nk'ibi bikurikira :

1° ugushiraho ingingo zo gukingira no gushigikira abakorewe amabi hamwe n'amasura ;

2° ugukora agatabu ndongozi ko kwegeranirizamwo ibishikirizwa, amatohoza asanzwe n'amatohoza asesanguye ;

3° ugushinga ingingo zikurikizwa mu kwegeranya ivyashikirijwe, ugukingira n'ugutunganya inzandiko n'ibindi biriko inkuru biri mu bubiko hamwe n'izerekeye ukurondera n'ugukingira ibinogo rusangi vyahambwemwo abantu ;

4° ugutororokanya idosiye zisanzwe zihari zerekeye amatati y'amatongo n'ayandi matungo ;

5° ugutegura uburyo bw'ugutunganya n'uguhanahana amakuru ajanye n'amatati yerekeye amatongo n'ayandi matungo;

6° ugushiraho uburyo bw'ugukurikirana n'ugushira mu ngiro ingingo zafashwe n'Umugwi CVR.

**Paragraphe 2 : La phase de la saisine**

**Article 69 :**
La CVR est saisie par la victime, le sinistré, le présumé auteur, le témoin ou toute autre personne physique ou morale intéressée.

La CVR reçoit les saisines les jours de travail à son siège ou dans ses représentations provinciales.

Elle établit et publie le calendrier de la collecte des dépositions à son siège et dans les représentations provinciales.

**Article 70 :**
La saisine se fait par le remplissage d'une fiche dont le modèle est établi par la CVR.

La fiche indique entre autres, l'identité et la qualité du déposant, le présumé auteur, décrit le type de violation commise et la période concernée, indique les éventuels témoins et les indemnisations postulées. Elle précise si le déclarant est disposé à faire la déposition à huis clos ou en audience publique.

La fiche doit porter la signature ou l'empreinte digitale du déposant.

Toutefois, la CVR peut déterminer tout autre procédé qu'elle juge approprié et qui garantit l'authenticité et la traçabilité de la saisine.

**Article 71 :**
En matière des terres et autres biens, la CVR est saisie à la requête des sinistrés ou d'un occupant secondaire ayant un différend avec un sinistré.

**Article 72 :**
Dès la saisine de la CVR, les certificats ou les titres fonciers des terres et autres biens faisant l'objet du litige ou autres garanties font objet de saisie conservatoire par la CVR.

**Agahimba ka 2 : Intambwe y'ukwitura Umugwi**

**Ingingo ya 69 :**
Umugwi CVR witurwa n'uwakorewe amabi, uwasinzikajwe n'ivyago, uwukekwako amabi yakozwe, isura canke uwundi muntu uwo ari we wese canke ishirahamwe ryose ribifisemwo inyungu.

Umugwi CVR witurwa imisi yose y'akazi ku cicaro cawo no mu buserukizi bwawo bwo mu ntara.

Uragira ikirangamisi c'ukwegeranya ibishikirizwa ku cicaro cawo no mu buserukizi bwawo bwo mu ntara ukongera ukagitangaza.

**Ingingo ya 70 :**
Ukwitura Umugwi CVR bigirwa biciye mu kwuzuza ifishi iba yateguwe n'uwo Mugwi.

Iyo fishi yerekana canecane umwidondoro w'uwufise ico ashikiriza n'ico ari, uwukekwa ko yakoze amabi, ikadondora neza ubwoko bw'amabi yakozwe hamwe n'ikiringo vyabereyeko, ikerekana abashobora kuba amasura n'inshumbusho zisabwa. Iyo fishi iratomora ko uwufise ico ashikiriza ashobora kugishikiriza mu mwiherero canke ku mugaragaro.

Ifishi itegerezwa kuba iriko umukono canke igikumu c'uwagize ico ashikiriza.

Ariko, Umugwi CVR urashobora gutomora ubundi buryo ubona ko bubereye kandi butuma ibishikirizwa vyemerwa ko ari ivy'ukuri kandi hagashobora kumenyekana aho ivyashikirijwe n'uwituye Umugwi vyazananye.

**Ingingo ya 71 :**
Mu vyerekeye amatati y'amatongo n'ayandi matungo, Umugwi CVR urituwa n'abasinzikajwe n'ivyago canke n'uwitirirwa amatungo y'uwundi afitaniye amatati n'uwasinzikajwe n'ivyago.

**Ingingo ya 72 :**
Kuva Umugwi CVR wituwe, iseredifika canke impapuro ziranga amatongo hamwe n'ayandi matungo biri mu bigize amatati canke izindi ngwati birafatwa ivy'agateganyo n'Umugwi CVR.

Un procès-verbal de saisie est dressé en double à cet effet et copie est remise à l'intéressé.

Icegeranyo c'ivyafashwe kigirwa mw'ikopi zibiri zisa kandi imwe ica ihabwa uwubifisemwo inyungu.

Pour les certificats ou les titres fonciers déjà hypothéqués, la CVR saisit les banques ou les autres institutions financières pour opposition.

Ku vyerekeye iseredifika canke impapuro ndangatongo zamaze gutangwako ingwati, Umugwi CVR uritura ibanki canke ayandi mashirahamwe akora nk'ibanki kugira zihagarikwe.

**Paragraphe 3 : Les enquêtes et les investigations**

**Agahimba ka 3 : Amatohoza asanzwe n'amatohoza asesanguye**

**Article 73 :**
Les enquêtes sont secrètes et sont conduites de façon à s'adapter aux spécificités du terrain selon la nature du dossier litigieux.

**Ingingo ya 73 :**
Amatohoza agirwa mw'ibanga kandi akagirwa hisunzwe uko ahabera amatohoza hameze bivanye n'ubwoko bw'idosiye y'amatati.

**Article 74 :**
Les enquêtes et les investigations de la CVR pour découvrir la vérité se font de la manière suivante :

1° l'identification des témoins ;

2° la convocation des témoins au siège de la CVR ou à tout autre endroit où les représentants de la CVR sont déployés ;

3° la comparution volontaire des témoins ;

4° l'écoute des témoins, des victimes, des auteurs ou de toute autre personne détenant des informations utiles à la CVR ;

5° le dialogue avec les représentants de l'administration territoriale susceptibles d'éclairer la CVR ;

6° la consultation des archives et d'autres documents détenus par l'administration publique ou les privés intéressant le sujet sous enquête ;

7° la confrontation des présumés auteurs et victimes, le cas échéant ;

8° la confrontation des titres de propriété détenus par les parties en conflit ;

9° l'identification des fosses communes ;

**Ingingo ya 74 :**
Amatohoza asanzwe n'amatohoza asesanguye y'Umugwi CVR akorwa mu ntumbero y'ukumenya ukuri, agirwa uku gukurikira :

1° ugutororokanya amasura ;

2° ukurengutsa amasura mu Mugwi CVR ku cicaro cawo canke ahandi aho ari ho hose intumwa z'Umugwi zagiye gukorera ;

3° ukurenguka kw'amasura avyishakiye ;

4° ukwumviriza amasura, abakorewe amabi, abakoze ububisha canke uwundi muntu uwo ari we wese afise inkuru zikenewe n'Umugwi CVR ;

5° ukugiranira ibiganiro n'abaserukira intwaro bashobora guha umuco Umugwi CVR ;

6° ukwihweza inzandiko ziri mu bubiko hamwe n'izindi nzandiko zifiswe n'ubutegetsi canke abigenga zirimwo ibijanye n'ibiba biriko biratohozwako ;

7° uguhuza abakekwa ko bakoze amabi n'abayakorewe kugira bagiranye mu gihe bikenewe ;

8° ukwihweza impapuro ndangatongo zifiswe n'abafitaniye amatati ;

9° ukurondera ahari ibinogo rusangi vyahambwemwo abantu ;

10° l'excavation des fosses communes ;

11° l'identification et la visite des lieux de mémoire.

En cas de refus de comparution à une audition, la CVR convoque l'intéressé par lettre avec accusé de réception. En cas de refus, la CVR recourt à la force publique.

**Article 75 :**
Tout commissaire ou tout membre du personnel de la CVR, dûment autorisé par le Président, est habilité, sur l'autorité d'un mandat de perquisition délivré par l'officier du Ministère public du ressort, à pénétrer en tous lieux pouvant avoir un lien avec ou contenir des informations relatives à un sujet qui fait l'objet d'une enquête, et à inspecter les lieux et effectuer les recherches qu'il considère nécessaires.

**Article 76 :**
La CVR dispose des pouvoirs d'enquête les plus étendus. Elle peut se faire communiquer tout document détenu par l'administration ou les particuliers.

Elle peut également solliciter le concours de tout autre service et de toute autre personne dont les compétences lui sont utiles.

**Article 77 :**
Les responsables des services publics ou privés appelés à livrer des documents ou des informations jugées utiles par la CVR sont tenus de les communiquer. Ni le secret professionnel, ni le secret bancaire ne sont opposables à la CVR.

10° ukwugurura ibinogo rusangi vyahambwemwo abantu ;

11° ugutororokanya hamwe n'ukugendera ibibanza vy'ivyibutso.

Mu gihe uwarengukijwe yanse kwitaba kugira yumvirizwe, Umugwi CVR uramutumako biciye mw'ikete ritangirwa icemeza ko yaryakiriye. Mu gihe asubiye kwanka kwitaba na ho, Umugwi CVR uca wikora ku bajejwe umutekano.

**Ingingo ya 75 :**
Umukomiseri wese canke umukozi wese w'Umugwi CVR, abirekuriwe n'Umukuru w'Umugwi, arafise ububasha, yishimikije umutahe wo gusaka utangwa n'Umushikirizamanza akarere agiramwo amatohoza gakukira, bwo gushika mu bibanza vyose bishobora kuba bifitaniye isano canke bishobora kuba birimwo inkuru zijanye n'ibiriko biragirwako amatohoza, no kugenzura ivyo bibanza hamwe no kuharondera ivyo vyose abona ko bikenewe.

**Ingingo ya 76 :**
Umugwi CVR urafise ububasha bwose bwo kugira amatohoza. Urashobora gusaba guhabwa urwandiko urwo ari rwo rwose rufiswe n'ubutegetsi canke abandi bantu.

Urashobora kandi gusaba gufashwa n'ikindi gisata cose canke uwundi muntu wese afise ubumenyi n'ubushobozi bishobora kugirira akamaro Umugwi.

**Ingingo ya 77 :**
Abajejwe ibisata vya Reta canke ivy'abikorera utwabo basabwe gutanga inzandiko canke amakuru Umugwi CVR ubona ko yowugirira akamaro, bategerezwa kuyatanga. Nta wushobora kwitwaza ibijanye n'ibanga ry'akazi canke iry'ibanki kugira yime amakuru Umugwi CVR.

## Paragraphe 4 : La phase des audiences

**Article 78 :**
La CVR établit un protocole de conduite des audiences. Les audiences sont tenues publiquement ou à huis clos suivant l'appréciation de la CVR.

Le siège est composé d'au moins trois commissaires assistés de cadres d'appui dans le respect des équilibres constitutionnels.

**Article 79 :**
Au cours des audiences, la CVR entend les parties concernées et les témoins. Elle peut, de sa propre initiative, entendre toute personne susceptible de donner des éclaircissements sur les faits.

**Article 80 :**
La CVR organise des audiences thématiques sur les grandes violations commises dans le passé aux fins d'en connaître les causes profondes et le rôle joué par les institutions étatiques ou privées telles que l'armée, la police, la justice, l'éducation, le secteur financier, les médias, les partis politiques et leurs mouvements affiliés, les églises, les associations, les groupes privés et les autres organisations.

**Article 81 :**
En cas d'audiences thématiques, la CVR fait comparaître toute personne susceptible de contribuer à la découverte de la vérité.

Les débats sont ouverts au public suivant le protocole des audiences élaboré par la CVR.

**Article 82 :**
Les éléments de preuve recueillis par la CVR ne peuvent être utilisés contre les victimes, les témoins, les présumés auteurs et les autres déposants que dans le cadre de la recherche de la vérité et de la réconciliation.

## Agahimba ka 4 : Intambwe y'ukwumviriza

**Ingingo ya 78 :**
Umugwi CVR urashinga ingene ibikorwa vy'ukwumviriza abafise ivyo bashikiriza bigenda. Ibikorwa vy'ukwumviriza bigirwa icese canke mu mwiherero bivanye n'uko Umugwi CVR ubibona.

Umugwi w'abumviriza uba ugizwe n'imiburiburi n'abakomiseri batatu bunganirwa n'abakozi bakuru bafasha hubahirijwe ibitigiri bitegekanijwe n'Ibwirizwa Shingiro.

**Ingingo ya 79 :**
Bashashe, abagize umugwi CVR barumviriza abo vyerekeye n'amasura. Barashobora, bavyibwirije, kwumviriza umuntu wese ashobora gutanga umuco ku vyabaye.

**Ingingo ya 80 :**
Umugwi CVR uratunganya kandi umwanya w'ukwumviriza abafise ivyo bashikiriza ku mabi akomeye afise ico ahurirako yakozwe muri kahise, kugira hamenyekane ivyatumye akorwa n'uruhara rw'ibisata vya Reta canke ivy'abikorera utwabo, nk'igisirikare, igiporisi, ubutungane, igisata c'indero, amabanki n'amashirahamwe akora nk'amabanki, ibimenyeshamakuru, imigambwe n'imihari iyikomokako, amashengero, amashirahamwe yemewe n'amatageko, imigwi y'abantu bagiye hamwe n'ayandi mashirahamwe.

**Ingingo ya 81 :**
Mu gihe c'ukwumviriza abafise ivyo bashikiriza ku mabi afise ico ahurirako, Umugwi CVR urarengutsa umuntu wese ashobora guterera kugira ukuri kumenyekane.

Ibiganiro vyugururiwe bose bivanye n'ingene Umugwi CVR wateguye ibijanye n'ukwumviriza abantu.

**Ingingo ya 82 :**
Ivyemezo vyatororokanijwe n'Umugwi CVR ntibishobora gukoreshwa mu kwagiriza abakorewe amabi, amasura, abakekwa ko bakoze amabi n'abandi bagize ico bashikiriza kiretse iyo ari mu ntumbero y'ukumenya ukuri n'ukunywanisha.

**Article 83 :**
Les parties s'expriment dans l'une des langues officielles au Burundi. Toute personne qui le souhaite peut s'exprimer dans une autre langue de son choix.

La CVR se pourvoit d'un interprète, le cas échéant.

**Ingingo ya 83 :**
Abafise ico bashikiriza Umugwi CVR bagishikiriza mu rurimi rumwe mu zikoreshwa mu ntwaro mu Burundi. Umuntu wese avyipfuza arashobora kuvuga mu rundi rurimi yihitiyemwo.

Umugwi CVR uribangikanya umuhinga mu vyo guhindura mu zindi ndimi ibiriko biravugwa, iyo bikenewe.

**Article 84 :**
Avant chaque audience, toute personne à auditionner prête le serment suivant en Kirundi : «Jewe (amazina), ndarahiye imbere y'Umugwi ujejwe kurondera ukuri no kunywanisha Abarundi ko ngire mvuge ukuri. Ninabesha, ninateranya, canke mugasanga nahishiriye uyu canke uriya, intahe inkubite mu gahanga».

Pour les personnes à auditionner qui ne s'expriment pas en Kirundi, elles prêtent le serment en français ainsi qu'il suit :

« Moi (nom et prénom), je jure de dire la vérité, toute la vérité, rien que la vérité».

**Ingingo ya 84 :**
Imbere y'ukwumviriza abafise ico bashikiriza, umuntu wese aza kwumvirizwa ashikiriza indahiro ikurikira mu Kirundi: «Jewe(amazina), ndarahiye imbere y'Umugwi ujejwe kurondera ukuri no kunywanisha Abarundi ko ngire mvuge ukuri. Ninabesha, ninateranya, canke mugasanga nahishiriye uyu canke uriya, intahe inkubite mu gahanga».

Ku bantu bumvirizwa ariko batavuga ururimi rw'Ikirundi, bashikiriza indahiro mu rurimi rw'igifaransa uku gukurikira :

« Jewe (amazina), ndarahiye ko mvuga ukuri, ukuri kwose, ukuri gusa».

**Paragraphe 5 : La phase des réparations et de la réconciliation**

**Article 85 :**
La CVR établit un programme de réparations qui tient compte des préjudices subis par les victimes, des moyens disponibles et des réalités du pays.

**Article 86 :**
Dans la réalisation du programme de réparations, l'Etat met en place selon ses moyens, un fonds de réparation. L'Etat est responsable des réparations en cas de sa propre responsabilité ou en cas d'impossibilité d'obtenir la réparation par les auteurs ou leurs ayants droit.

**Article 87 :**
Les réparations peuvent être matérielles, financières, morales et/ou symboliques. Elles comportent des mesures individuelles et/ou collectives.

**Agahimba ka 5 : Intambwe y'gushumbusha n'ukunywanisha**

**Ingingo ya 85 :**
Umugwi CVR urategura indinganizo y'gushumbusha hisunzwe agahombo abakorewe amabi bagize, uburyo buhari n'uko ibintu vyifashe mu gihugu.

**Ingingo ya 86 :**
Kugira ibitegekanijwe mu ndinganizo y'gushumbusha bishirwe mu ngiro, Reta irashiraho bivanye n'uburyo ifise, ikigega kigenewe gushumbusha. Reta ni yo itanga inshumbusho mu gihe amabi yakozwe ari ku gatwe kayo canke mu gihe bidashoboka ko abayakoze canke abafise uburenganzira ku matungo yabo batanga inshumbusho.

**Ingingo ya 87 :**
Ugushumbusha bishobora kuba vyerekeye ibintu bifadika, amafaranga, ugusanasana imitima yakomeretse canke ikimenyetso gifatwa nk'inshumbusho. Ugushumbusha bigizwe n'ingingo zifatirwa umuntu umwumwe canke abantu benshi mu kivunga.

Les réparations consistent en restitutions, indemnisations, réhabilitation, réadaptations et autres mesures arrêtées par la CVR, selon les cas.

Ugushumbusha vyerekeye ugusubiza ibintu, ugutanga indishi, ugusubiza abantu mu vyabo, ukubamenyereza gusubira mu buzima bahoze babayemwo hamwe n'izindi ngingo zifatwa n'Umugwi CVR hafatiwe ku biba vyarashikiye umuntu.

**Article 88 :**

Dans les cas où les circonstances et les moyens le permettent, la CVR ordonne des réparations immédiates et en assure le suivi.

**Ingingo ya 88 :**

Mu bihe bishoboka n'uburyo bukaba buhari, Umugwi CVR urashinga ko haca hatangwa inshumbusho ukongera ugakurikirana ishirwa mu ngiro ry'ico gikorwa.

**Article 89 :**

Dans l'objectif d'un rapprochement et d'une réconciliation entre les victimes et les présumés auteurs, la CVR élabore une procédure par laquelle les victimes peuvent accorder le pardon aux auteurs. De même, la CVR élabore une procédure par laquelle les auteurs demandent pardon aux victimes et en expriment les regrets.

**Ingingo ya 89 :**

Mu ntumbero y'ugusubiza hamwe n'ukunywanisha abakorewe amabi n'abakekwa ko bayabakoreye, Umugwi CVR urategura uburyo abakorewe amabi bashobora kugirira ikigongwe abayabakoreye. Vyongeye, Umugwi CVR urategura ingene abakoze amabi basaba ikigongwe abo bayakoreye kandi bakongera bakerekana ko bicuza ivyo bakoze.

**Article 90 :**

La CVR propose au Gouvernement un programme d'actions susceptibles de promouvoir le processus du pardon et de la réconciliation. Les actions s'inspirent des valeurs culturelles et visent la formation civique et patriotique.

**Ingingo ya 90 :**

Umugwi CVR urashikiriza Reta indinganizo y'ibikorwa bishobora gutuma ibijanye n'ugusaba ikigongwe hamwe n'ukunywanisha Abarundi bitera imbere. Ivyo bikorwa vyisunga imico y'Abarundi bikaba bifise intumbero y'ukwigisha gukunda igihugu.

## CHAPITRE VIII : DE LA PROTECTION DES VICTIMES ET DES TEMOINS

## IGICE CA VIII : IVYEREKEYE UGUKINGIRA ABAKOREWE AMABI HAMWE N'AMASURA

**Article 91 :**

La CVR établit et met en œuvre un programme de protection des victimes et des témoins ainsi que les membres de leurs familles dont la sécurité peut être mise en danger en raison de leur participation au processus de vérité, de la paix et de la réconciliation.

**Ingingo ya 91 :**

Umugwi CVR urategura ukongera ugashira mu ngiro umugambi w'ugukingira abakorewe amabi, amasura hamwe n'abo mu miryango yabo, umutekano wabo ushobora kubangamirwa kubera bagize uruhara mu bikorwa vy'ukurondera ukuri, amahoro n'ivy'ukunywanisha Abarundi.

**Article 92 :**

La CVR prend des mesures spéciales pour assister les victimes et les témoins notamment les personnes traumatisées, les enfants mineurs, les personnes âgées ou les victimes de violences sexuelles ou toute autre personne vulnérable, à participer à ce processus, à faire enregistrer leurs cas, à présenter leurs témoignages et à exprimer leurs opinions ou leurs préoccupations.

**Ingingo ya 92 :**

Umugwi CVR urafata ingingo zidasanzwe kugira ufashe abakorewe amabi hamwe n'amasura nk'abahahamutse, abana, abageze mu zabukuru canke abakorewe amabi ajanye n'ugushurashuzwa ku nguvu canke umuntu uwo ari we wese ata co yishoboje, kugira bagire uruhara mu bikorwa vy'Umugwi, mu kwandikisha ivyabashikiye, gushikiriza ivyo bazi, gushikiriza ivyiyumviro vyabo canke ibibaraje ishinga.

Les victimes et les témoins doivent notamment avoir accès aux conseils et au soutien psychologique et juridique tout au long du processus.

Abakorewe amabi hamwe n'amasura bategerezwa canecane kuronswa ababaha impanuro mu vyo bakeneye, kuremeshwa no gufashwa mu vyerekeye amategeko mu gihe cose aba akiriko arumvirizwa.

**Article 93 :**
La confidentialité et l'anonymat sont garantis aux victimes et aux témoins, particulièrement pour les cas de violences sexuelles et les dossiers impliquant des mineurs.

**Ingingo ya 93 :**
Ukugumiza mw'ibanga ivyashikirijwe n'ukutavuga amazina y'ababishikirije bitegerezwa kwubahirizwa ku bakorewe amabi no ku masura mu gihe bikenewe, canecane ku vyerekeye amabi ajanye n'ugushurashuza ku nguvu hamwe no kw'idosiye zerekeye abana.

## CHAPITRE IX : DE LA GESTION DES ARCHIVES

## IGICE CA IX : IVYEREKEYE ITUNGANYWA RY'INZANDIKO MU BUBIKO

**Article 94 :**
Les archives de la CVR sont la propriété de l'Etat. Elles sont vitales à la Nation et constituent une partie de son patrimoine et de son histoire.

**Ingingo ya 94 :**
Inzandiko n'ibindi biriko inkuru biri mu bubiko vy'Umugwi CVR ni ivya Reta. Ni ngirakamaro mu buzima bw'igihugu kandi ni bimwe mu bigize amatungo na kahise k'igihugu.

**Article 95 :**
Durant son mandat, les documents de la CVR doivent être gérés de manière professionnelle et sécurisés dans un service d'archives selon les normes professionnelles en la matière.

**Ingingo ya 95 :**
Mu kiringo Umugwi CVR umara mu mabanga, inzandiko zawo zitegerezwa gutunganywa mu buryo buhuye n'ubuhinga buvyerekeye, zigakingirwa mu gisata c'ububiko bw'inzandiko hisunzwe ibisanzwe bikurikizwa mu bijanye n'ivyo.

**Article 96 :**
La CVR recrute du personnel spécialisé en archivistique pour la gestion des archives.

**Ingingo ya 96 :**
Umugwi CVR uraha akazi abakozi bafise ubuhinga mu vyerekeye ukubika inzandiko n'ibindi biriko inkuru mu ntumbero y'ukubitunganya.

**Article 97 :**
La CVR veille à l'intégrité des archives, à leur sécurité, à leur préservation et établit un protocole relatif à leur accès.

**Ingingo ya 97 :**
Umugwi CVR uritwararika ko inzandiko n'ibindi biriko inkuru biri mu bubiko biguma bimeze uko biri, bikingirwa, bibungabungwa, ukongera ugashiraho ingene bishobora gukoreshwa.

**Article 98 :**
Eu égard au volume, à la nature des documents et à la complexité des formats dans lesquels ils sont conservés, la CVR, à la fin de son mandat et avant de transférer son fonds documentaire à l'institution désignée, prend au moins les décisions suivantes :

1° identifier les documents à préserver de manière permanente ;

**Ingingo ya 98 :**
Bivanye n'ingene inzandiko ziba zingana n'izo ari zo, uburyo butandukanye bukoreshwa mu kuzibika, Umugwi CVR, urangije ikiringo cawo, kandi imbere yuko ushikiriza urwego rwagenywe ivyo washinguye vyose, urafata n'imiburiburi ingingo zikurikira :

1° kwerekana inzandiko zitegerezwa kwama zibungabungwa ;

2° identifier les copies et les autres documents ayant une valeur temporaire qui peuvent être détruits avant la fin de son mandat ;

3° déclassifier les documents qui peuvent l'être et transférer aux archives et à la base de données du siège, les documents en format électronique et autres documents conservés ailleurs ;

4° décider de l'opportunité de créer une ou des copies de sécurité et de sauvegarde des archives permanentes et proposer les institutions qui en auront la garde ;

5° considérer dans ses recommandations, la création d'un ou des centres d'information qui rendent accessibles au public copie de tout ou partie des éléments des archives publiques de la CVR.

Les centres d'information doivent être équipés des technologies modernes de communication et être accessibles afin de faciliter la consultation par les chercheurs et par toute personne intéressée.

## CHAPITRE X : DES RAPPORTS

**Article 99 :**
A la fin de son mandat, la CVR présente un rapport final au Parlement réuni en congrès.

Le même rapport est transmis au Président de la République, au Vice-Président et au Premier Ministre.

**Article 100 :**
Sans préjudice des dispositions de l'article 99 de la présente loi, la Commission présente annuellement devant le Parlement réuni en congrès un rapport d'étape.

2° kwerekana amakopi n'izindi nzandiko zifise akamaro mu gihe gito zishobora kuzimanganywa imbere yuko Umugwi urangiza ikiringo cawo ;

3° gukura mu bubiko inzandiko zishobora gukurwayo no kwimurira mu bubiko no mw'iyegeranirizo ry'ivyatororokanijwe ryo ku cicaro c'Umugwi bibikwa mu buhinga bwa none n'izindi nzandiko zishinguwe ahandi ;

4° kuraba ko bikenewe ko hagirwa ikopi imwe canke nyinshi z'inzandiko n'ibindi biriko inkuru bigumizwa mu bubiko vyokoreshwa mu gihe ivyashizwe mu bubiko vyozimangana no kwerekana inzego zoshingwa kubibika ;

5° kwitwararika ko mu vyo usaba, harimwo ishingwa ry'ikigo canke ry'ibigo bijejwe gutanga amakuru bituma abenegihugu bashobora kuraba canke kwumviriza ibiri mu makopi y'ibiri mu nzandiko no mu bindi bibikwako inkuru, vyose canke bimwebimwe, biri mu bubiko bw'Umugwi CVR birekuriwe bose.

Ibigo bijejwe gutanga amakuru bitegerezwa gushirwamwo ibikoresho vyo mu buhinga bwa none bw'uguhanahana amakuru kandi uwubikeneye agashobora kubishikamwo kugira vyorohere abashakashatsi n'uwundi muntu wese abikeneye.

## IGICE CA X : IVYEREKEYE IVYEGERANYO

**Ingingo ya 99 :**
Umugwi CVR urangije ikiringo cawo, urashikiriza icegeranyo gisozera ibikorwa vyawo Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka zikoranye.

Ico cegeranyo nyene kirarungikirwa Umukuru w'Igihugu, Icegera c'Umukuru w'Igihugu hamwe n'Umushikiranganji wa mbere.

**Ingingo ya 100 :**
Hatirengagijwe ibitegekanijwe mu ngingo ya 99 y'iri bwirizwa, Umugwi CVR uja urashikiriza ku mwaka ku mwaka Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka zikoranye icegeranyo cerekana aho ibikorwa bigeze.

**Article 101 :**
Le rapport final présente les résultats des investigations menées et de toutes les séances d'auditions et tous les dossiers traités en rapport avec les missions de la CVR. Il contient les conclusions des analyses de ces résultats et indique les contextes dans lesquels les événements se sont produits, leurs causes et leurs conséquences.

Le rapport final contient également les éléments suivants :

1° la liste des déposants, des témoins et de toute personne ressource sauf ceux qui ont souhaité garder l'anonymat ;

2° la liste des victimes et des personnes disparues ;

3° la liste des personnes qui ont fait obstruction aux travaux de la CVR ;

4° la liste des fosses communes identifiées, confirmées et excavées ;

5° la liste des partenaires de terrain qui ont collaboré avec la CVR ;

6° la liste des partenaires étrangers qui ont témoigné devant la CVR ;

7° la liste des biens meubles et immeubles ayant fait objet d'instruction et de restitution aux propriétaires ;

8° la liste des possesseurs de biens meubles et immeubles qui ont refusé la mise en application des décisions prises par la CVR ;

9° toutes les sources documentaires consultées ;

10° les recommandations concernant les réparations, le programme de réconciliation et les propositions de réformes institutionnelles appropriées ;

**Ingingo ya 101:**
Icegeranyo gisozera ibikorwa kirerekana ivyashitsweko mu matohoza asesanguye yagizwe n'ivyashikirijwe mu bihe vyose vy'ukwumviriza abagize ico bashikiriza hamwe n'idosiye zose zijanye n'imirimo y'Umugwi CVR zihwejwe. Ico cegeranyo gishirwamwo ivyapfunditswe hafatiwe ku mwihwezo w'ivyashitsweko kandi kikerekana ibihe ivyashitse vyabereyemwo, imvo zabitumye n'inkurikizi zavyo.

Icegeranyo gisozera ibikorwa gishirwamwo kandi ibi bikurikira :

1° urutonde rw'abituye Umugwi, amasura hamwe n'umuntu wese yagize ico ashikiriza kiretse abatashatse ko amazina yabo amenyekana ;

2° urutonde rw'abakorewe amabi hamwe n'abantu babuzwe irengero;

3° urutonde rw'abantu babereye intambamyi ibikorwa vy'Umugwi CVR ;

4° urutonde rw'ibinogo rusangi vyatawemwo abantu vyatororokanijwe, vyemejwe kandi vyuguruwe ;

5° urutonde rw'abakoranye n'Umugwi CVR aho wakoreye amatohoza ;

6° urutonde rw'abakoranye n'Umugwi b'abanyamahanga basuye imbere y'Umugwi CVR ;

7° urutonde rw'amatungo yimuka n'ayatimuka yagizweko amatohoza kandi yasubijwe beneyo b'ukuri;

8° urutonde rw'abafise amatungo yimuka n'ayatimuka atari ayabo banse gushira mu ngiro ingingo zafashwe n'Umugwi CVR;

9° inzandiko zose zakoreshejwe mu kurondera ukuri ;

10° ivyo Umugwi usaba bijanye n'ugushumbusha, indinganizo y'ibikorwa vy'ukunywanisha Abarundi hamwe n'ivyokorwa mw'isubirwamwo ry'inzego za Reta ribereye ;

11° une recommandation de la réécriture de l'histoire du Burundi sur base des faits établis et consignés dans les travaux de la CVR ;

12° une recommandation sur la façon de préserver la mémoire par la conservation et la sécurité des archives ;

13° une recommandation sur les modalités de diffusion du rapport ;

14° les éléments stipulés à l'article 10 de la présente loi et non repris dans l'énumération ci-dessus ;

15° les mécanismes de suivi et de mise en œuvre des recommandations.

**Article 102 :**
Le rapport final comprend un volet financier.

**Article 103 :**
Tous les rapports de la Commission sont rédigés en Kirundi et en Français et déposés simultanément.

La CVR élabore une version simplifiée et pédagogique destinée à l'usage du grand public et des écoles.

**CHAPITRE XI : DES MECANISMES DE SUIVI**

**Article 104 :**
A la fin des travaux, la CVR propose au Gouvernement la mise en place d'une structure chargée d'assurer les missions suivantes :

1° le suivi et la mise en œuvre des recommandations de la CVR ;

2° la gestion des archives et de la documentation de la CVR ;

3° la gestion des dossiers non conclus par la CVR.

11° ico Umugwi CVR usaba bijanye n'uko hokwandikwa bushasha kahise k'Uburundi hafatiwe ku vyemejwe ko vyabaye kandi vyanditswe mu vyo Umugwi CVR waranguye ;

12° ico Umugwi CVR usaba bijanye n'uburyo bwo gutuma kahise k'igihugu katazimangana biciye mu gushingura no gukingira inzandiko n'ibindi biriko inkuru biri mu bubiko ;

13° ico Umugwi CVR usaba bijanye n'ingene homenyekanishwa ibiri mu cegeranyo ;

14° ibitegekanijwe mu ngingo ya 10 y'iri bwirizwa kandi bitasubiye kuvugwa mu vyamaze kudondagurwan ;

15° ico Umugwi usaba bijanye n'uburyo bw'ugukurikirana no gushira mu ngiro ivyasabwe.

**Ingingo ya 102 :**
Icegeranyo gisozera ibikorwa vy'Umugwi CVR kirashirwamwo ibijanye n'ingene amafaranga yakoreshejwe.

**Ingingo ya 103 :**
Ivyegeranyo vyose vy'Umugwi CVR vyandikwa mu Kirundi no mu Gifaransa bigaca bitangirwa rimwe.

Umugwi CVR urategura incamake y'icegeranyo gisozera ibikorwa vyawo, yoroshe gutahura izokoreshwa mu gutanga inyigisho kandi ikaba igenewe gukoreshwa na benshi n'amashure.

**IGICE CA XI : IVYEREKEYE INGENE IBIKORWA BIKURIKIRANWA**

**Ingingo ya 104 :**
Umugwi CVR usozereye ibikorwa vyawo, uca usaba Reta gushiraho urwego rujejwe kurangura imirimo ikurikira :

1° ugukurikirana n'ugushira mu ngiro ivyasabwe n'Umugwi CVR ;

2° ugutunganya inzandiko ziri mu bubiko hamwe n'inzandiko z'Umugwi CVR ;

3° ugutunganya amadosiye Umugwi CVR utarangije mu kiringo cawo.

**Article 105 :**
Le Gouvernement adresse au Parlement, tous les six mois, un rapport sur l'état d'avancement de la mise en œuvre des recommandations de la CVR.

**CHAPITRE XII : DES DISPOSITIONS PENALES**

**Article 106 :**
Quiconque refuse de livrer à la CVR les documents ou les informations demandés commet une infraction d'entrave au bon fonctionnement de la CVR.

La peine est d'une servitude pénale d'un an à trois ans et d'une amende de cinq à dix millions de francs burundais si le coupable est une personne physique et d'une amende de cent millions à deux cent millions de francs burundais lorsqu'il s'agit d'une institution.

Constitue également une infraction d'entrave au bon fonctionnement de la CVR, punissable d'un an à trois ans de servitude pénale et d'une amende de cinq à dix millions de francs burundais, le fait d'exercer sur elle une pression quelconque, de refuser de collaborer, de cacher des renseignements utiles, de produire ou d'exhiber de faux documents, d'annuler ou de gêner l'exécution des décisions prises, de donner un renseignement inexact ou d'user de manœuvres de nature à gêner ou à ralentir la mission de la CVR.

**Article 107 :**
La CVR saisit le Ministère public pour disposition et compétence, en cas de poursuite des auteurs des infractions visées à l'article 106 de la présente loi.

La procédure ainsi ouverte est traitée avec célérité.

**Ingingo ya 105 :**
Reta irarungikira Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka uko amezi atandatu arangiye icegeranyo cerekana ingene ivyasabwe n'Umugwi CVR biriko bishirwa mu ngiro.

**IGICE CA XII : IVYEREKEYE INGINGO MPANAVYAHA**

**Ingingo ya 106 :**
Uwo wese yanse guha Umugwi CVR inzandiko canke amakuru wasavye ni icaha c'ukubera intambamyi irangurwa ry'ibikorwa vy'Umugwi.

Igihano c'ugupfungwa kiva ku mwaka umwe gushika ku myaka itatu hamwe n'ihadabu ry'amafaranga y'amarundi riva ku miriyoni zitanu gushika ku miriyoni icumi ni co gitangwa iyo uwagiriye icaha ari umuntu hamwe n'ihadabu ry'amafaranga y'amarundi riva ku miriyoni ijana gushika ku miriyoni amajana abiri iyo ari ishirahamwe.

Ikindi caha c'ukubera intambamyi irangurwa ry'ibikorwa vy'Umugwi CVR gihanishwa umunyororo uva ku mwaka umwe gushika ku myaka itatu hamwe n'ihadabu ry'amafaranga y'amarundi riva ku miriyoni zitanu gushika ku miriyoni icumi, ni ukugira iterabwoba iryo ari ryo ryose ku Mugwi, ukwanka gukorana n'Umugwi, ukunyegeza amakuru akenewe, ugutanga canke ukwerekana impapuro atari iz'ukuri, uguhakana canke ukuburagiza ishirwa mu ngiro ry'ingingo zafashwe n'Umugwi, ugutanga amakuru atari ay'ukuri canke ugukora ibikorwa bifise intumbero y'ukuburagiza canke y'ukudindiza ibikorwa vy'Umugwi CVR.

**Ingingo ya 107 :**
Umugwi CVR uritura Urwego rw'ubushikirizamanza, kugira rufate ingingo rufitiye ububasha mu gihe c'ugukurikirana abakoze ivyaha bivugwa mu ngingo ya 106 y'iri bwirizwa.

Urubanza rushingishijwe ruca rwihwezwa bidatevye.

## CHAPITRE XIII : DES DISPOSITIONS TRANSITOIRES ET FINALES

**Article 108 :**
Dès la promulgation de la présente loi, les commissaires nommés sous le régime de l'ancienne loi régissant la CVR continuent leur mandat mais prêtent serment conformément à l'article 28 de la présente loi.

**Article 109 :**
Toutes dispositions antérieures contraires à la présente loi sont abrogées.

**Article 110 :**
La présente loi entre en vigueur le jour de sa promulgation.

**Fait à Gitega, le 28 mai 2024**

**Evariste NDAYISHIMIYE.-**

**PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

**VU ET SCELLE DU SCEAU DE LA REPUBLIQUE,**

**LE MINISTRE DE LA JUSTICE,**

**Domine BANYANKIMBONA.**

## IGICE CA XIII : IVYEREKEYE INGINGO MFATAKIBANZA N'IZISOZERA

**Ingingo ya 108**
Kuva iri bwirizwa ritangajwe, abakomiseri bagenywe hisunzwe ibwirizwa ryahora rigenga Umugwi CVR barabandanya ikiringo cabo ariko bağashikiriza indahiro hisunzwe ingingo ya 28 y'iri bwirizwa.

**Ingingo ya 109 :**
Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri bwirizwa zirafuswe.

**Ingingo ya 110 :**
Iri bwirizwa ritangura gukurikizwa kuva umusi ritangarijweko.

**Bigiriwe i Gitega, ku wa 28 Rusama 2024**

**NDAYISHIMIYE Evariste.-**

**KU BW'UMUKURU W'IGIHUGU,**

**BIBONYWE KANDI BISHIZWEKO IKIMANGU CA REPUBURIKA,**

**UMUSHIKIRANGANJI W'UBUTUNGANE,**

**BANYANKIMBONA Domine.**